# *URUVYARO RW'INZOKA*

Mana Mukundwa, Mana Ihambaye mushobora vyose, Yaremye vyose ku bw'ubushobozi bwa Mpwemu WaYo, Ikazana Yesu Kristo, Umwana WaYo w'ikinege, Yapfuye ata gahato kubwacu abanyavyaha, Umugororotsi kubw'abagabitanya, ngo Atugarukane muri iri sangira ryiza cane twongeye kugiriranira n'Imana, nk'uko tuvyigishwa mw'Ijambo rihezagiye, ko twahoze mw'isangira hamwe na Yo imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho: "Igihe inyenyeri zo mu gaturuturu zaririmbira hamwe, n'abana b'Imana bagasamiriza impundu, kera imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho." Twomenya gute ko atari ico gihe nyene Wa Mwagazi w'Intama Wakererwa; igihe Imana, mu ciyumviro caYo gihambaye, Yatubona dusemerera twongera tunezererwa agakiza kacu muri Yesu?

2 None, uyu mugoroba dufise gusa imponjo y'ubwo bwiza bw'Imana buhambaye buzohishurwa mu Kuza kwiWe kwa kabiri. Indwara zose n'imibabaro bizoba vyakuweho. Aho tuzoca turonka umubiri usa n'umubiri wiWe Bwite w'ubwiza, kuko tuzoMubona uko Ari. Hano mu gihe twitegereza amaboko yacu ariko arakabirana, imishatsi yacu ihinduka imvi, n'ibitugu vyunama, turazi ko turi abapfa kandi ko twerekeza mu mukungugu aho imitwe yacu yunamye iraba kano kanya, ari naho twavuye. Ariko, Mwami Mana, nk'uko Uri Imana nyene, Waratanze isezerano ko twozutse mu minsi y'iherezo, kandi turavyizeye.

3 Turahagaze ku mugaragaro n'ukwizera kwacu uyu mugoroba mu Nyonga zaWe, tuje dushize amanga kuko Yesu Yadutumiriye kubikora. Atari kubw'iciza na kimwe twakoze, kuko ata ciza na kimwe twakoze; ariko tuje duciye bugufi, twatura ko dufise buno butunzi kubw'ubuntu bwiWe Yatugiriye. Kubw'ivyo, tuje dusaba ngo Uduhezagire uno mugoroba mu kuzana Ijambo. Kuko vyanditswe, ko, "Umuntu atazobeshwaho n'umutsima gusa, ariko n'Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana." Nuko reka akanwa k'Imana kavuge uno mugoroba. Reka amajambo asohoke, kandi Ivyo bishike i bwina mu mitima yacu, twebwe abumviriza, twuzure Mpwemu WaWe nUkuba hano kwaWe. Kuko tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

4 U—uyu munsi n'ejo hahise, ejo ku mugoroba, nako, n'uno munsi, twariko tuvuga ku cigwa, ubwa mbere, kugira ngo tugihe umutwe w'ijambo, *Kubera Iki Twebwe Tutari Idini*. Kandi twaravuze dushimitse cane, igituma twebwe tutari idini, n'igituma tutemera amadini. Kuko, turabibona muri Bibiliya, yuko amadini atigeze ashirwaho n'Imana; yashizweho na wa murwanizi; kandi twaravyerekanye dukoresheje Bibiliya.

N'ingene, biciye ku madini, bizana amakosa. Ubu turiko tuvuga ibi kugira ngo dukosore twongere dushikane rino hema mw'isangira kw'Ijambo rihezagiye ry'Imana. Yuko, ivyizigiro vyacu bitubakiye mu vyo idini rivuga, canke ivyo umuntu n'umwe avuga; vyubakiye ku vyo Umwami Imana Yavuze. Kandi iyo niyo nzira yonyene dushobora gukosorwa neza.

5 Kandi kino gitondo, nerekanye ibintu bitanu, ndibaza, bitandukanye vyaje bizananye mw'idini, ata na hamwe namba bivugwa muri Bibiliya, ivyo amashengero y'Abaporoti yubahiriza, akanavyigisha nk'inyigisho ngenderwako: vya bindi nyene umwe nyina wa kera maraya, ishengero Gatorika ryigisha, bikaza no mw'ishengero ry'Igiporoti. Maze tukubahiriza ico kintu nyene kinyuranye n'ibiri hose mw'Ijambo ry'Imana.

6 Ishengero rya mbere ry'ikidini, twaryizeko uyu muhingamo muri ca gitabu c'akahise ka ba Data b'i Nikeya, b'ishengero ry'i Nikeya. Inyuma y'urupfu rw'intumwa, niho haciye haza ba data b'i Nikeya, baca barabandanya imyaka myinshi. Haciye imyaka amajana atatu na mirongo ibiri n'itanu, bahavuye baza i—i Nikeya, mu Bufaransa, aho bagiriye ya nama nkuru y'i Nikeya. Aho rero ni ho bagiriye iyo mitegekere ishengero Gatorika rifise ubu, kandi yahererekanywe no ku Baporoti.

7 Kandi nk'ukwo navuze mu—mu nyigisho za kare mu gitondo, "Kimwe cose muri ivyo bihe vy'ishengero, gushika ku—ku gihe c'ishengero rya Tesaronika, imyaka igihumbi n'amajana atanu y'igihe c'umwijima, nta na rimwe Yigeze Avuga ngo: 'Uracazigamye Izina ryaNje.'"

8 Kuri urwo rundi ruhande, ntibari bakiri muri Kristo, baje mw'izina ry'ikidini, "Gatolika, Luther, Wesley, Batista, Peresibiteriyano, Pentekoti," no kubandanya.

9 Ariko imbere yuko igihe gihera, Yavuze ati: "Nshize imbere yawe urugi rwuguruye." Murabona? Kandi ico ni co gihe twizera ko turimwo ubu, urugi rwuguruye, muri iki kiringo c'ugusohoka kwa nyuma kw'ishengero rya Lawodikiya.

10 Haciye neza na neza Imyaka amajana atatu na mirongo ibiri n'itanu gushika kuri ya nama nkuru y'i Lawodikiya. Kandi aho niho bemeje ubwo buryo nko kumijagira utuzi, gusukako, n'imibatizo y'ibinyoma, mpwemu yera w'ibinyoma, n'ivyo bindi bintu vyose. Baravyemeje.

11 Hanyuma rero igihe Luther, mu gihe yari umupatiri, agaca asohoka mw'ishengero Gatorika, yasohokanye ivyo bintu. Kandi aho niho havuye Zwingli, mu vya Zwingli hava Calvin, mu vya Calvin havamwo, Wesley, oo, no kubandanya. Baca babandanya nyene bahererekana iyo mitegekere. None ni gute Imana Yorongora Ishengero ryaYo, mu gihe bariko bakurikira inzira Itigeze Inabazanira ngo Ibarongoreremwo?

12 Kandi mwibuke, mu Vyahishuriwe Yohana 17, twarabonye " wa mugore." Rero aya majambo aratomoye. Yanditswe

muri Bibiliya, kubw'ivyo nibaza ko nshobora kuyavuga. Havuga ko uwo mugore yari "maraya". Ivyo bisigura ko yari umugore w'ingeseo mbi; ko vyitwa ko yari yabiriwe n'umugabo kanaka, ariko agakora ubushakanyi n'isi. Kandi yari afise i . . . Yari "NYINA WA BA MARAYA," kubw'ivyo rero yari afise abakobwa. Ivyo twarabicapuye mu buryo bw'indondabihugu, ko vyari mu . . . Kandi aho, ubwanje, mu gihe ndabibona mu Vyanditswe, nkabona inyigisho ziwe n'ibindi, nizera ko Umwami Yabishize ku murongo mu buryo butunganye, ko ivyo atakindi vyoshobora kuba atari ishengero Gatorika. Ni co conyene bishobora kuba. None yavyaye iki? Amashengero y'Abaporoti. Neza na neza, ni co yavyaye.

13 Kandi yari afise mu kiganza ciwe igikombe ca vino y'ubushakanyi bwiwe, kandi yakinyweshako abami bo kw'isi. Kandi ni we yaganza isi yose, tuvuze mu buryo bw'impwemu. Kandi uko ni ukuri kuzuye. Nta wundi . . .

14 Ni murabe, reka, twoshobora gusubira muri Daniyeli tugafata ca gishushanyo. Ni murabe ca gishushanyo: umutwe w'inzahabu, ubwami bw'i Baburoni; umuringa . . . canke ifeza, Abamedi n'Abaperesi; umuringa, Alexandre Ahambaye, n'ibindi, ubwami bw'Abagiriki; hanyuma ubwami buganza ubundi bw'Abaroma, Roma y'Ubuseruko n'iy'Uburengero, ya maguru abiri.

15 Kandi mwihweze neza muri ubwo bwami cumi, buzanana neza na neza n'ayo mahembe cumi twamye tuvugako mu gatondo, muri bumwe bwose muri ubwo bwami cumi bwategerezwa guhaguruka, harimwo icuma n'ibumba bivanganye. Ico cuma cava mu maguru, ikaba yari Roma. Kandi muri buri hanga riri munsi y'Ijuru harimwo urufatangane rw'ivy'Ikiroma ruvanzemwo, biciye mw'ishengero Gatorika. Uko ni ukuri kuzuye. Kandi ntivyoshoboye kuvangana, na hamwe.

16 Kandi bokwabiranye, hagati yabo. Bibiliya yaravuze ko bobikoze. None nimubitegereze uyu munsi. Umuhungu wawe asohokanye n'umukobwa w'Umugatorika; iyo bagiye kwabirana, bategerezwa gusezerana ko bazorerera abana babo kuba Abagatorika; murabona, uko nyene no ku mukobwa. Murabona, ni ukugira ngo bajanjagure inkomezi z'uwo wundi.

17 None ivyo ni ibiki? Bibiliya ivuga ko ico kintu cose ari maraya. None muzokora iki? Uko ni ukuri. N'ingene ivyaha vy'abantu bizohanwa . . . Twarasubiye mu Gusubira mu Vyagezwe, turerekana ko umwana w'ishushu, umwana w'igitwarire, atashobora na mba kwinjira mw'ikoraniro ry'Uhoraho kugeza ku runganwe rw'icumi na kane. Aho hari musi y'ivyagezwe. Kristo nawe yaje gukomeza ivyagezwe. Mbega ubu ho birushirije ukungana iki?

18 Ni ibiki biriko birashikira abo, ni ingorane nyabaki kuri ivyo vyigenze biri mw'ibarabara uyu munsi, abo bagore bato bakwega itabi, ivyo vyigenze vyambara impuzu ngufi, n'imishatsi imoye, n'ibindi? Ni ingorane nyabaki n'ivyo? Ni ukubera yuko ba nyina babo bifata gutyo. Ni uguhanwa kw'ibigabitanyo, kuva ku runganwe rumwe kugeza ku rundi. Ni uko biri. None twaronse iki? Twashitse aho, ata kindi biri atari ikirundo gusa c'icaha giteye ishishi.

19 Ni co gituma Imana Yahagurukije Uburusiya, hariya, n'ibombe ruhonyanganda kugira ngo ibikubure, nk'uko vyari muri ca gihe c'imbere y'umwuzure, igihe Yahagurutsa ibicu. Ata nkeka, Yabikoze. Na Bibiliya Irabivuga. Uburusiya, igihugu kitemera Imana nk'uko bari, gihakanyi, ni igikoresho gusa mu maboko y'Imana Mushoboravyose. Nk'uko umwami Nebukadineza yategerezwa gusangangura Isirayeli kuko vyanse ko bagendana n'Imana, Uburusiya buriko burahaguruka ngo "buhorere abera," ishengero Gatorika, ku maraso ryasheshe y'abera. Bibiliya niyo yabivuze. Buzokuraho ivyo bintu vyose.

20 Rero ni murabe hano, namba nyina yari umutamvyi wo mu bubare, na inakuru, nyina nawe yari icigenze, uno munsi we ni iki? Umutamvyi w'imiziki ya rock-and-roll. Abana biwe nabo bazoba iki?

Kandi muravuga muti: "Mbega Imana ni Yo Ikora ivyo?" Ego, mushingantahe.

21 Imana Ihana icaha c'abana, urunganwe, kugeza mbere no ku runganwe rw'icumi na kane. Kandi namba Kristo Yaje kubikomeza, twovuga duti: "Uruganwe ijana, canke uruganwe amajana atanu." Erega, Yavuze Ati: "Aba kera, mwarumvise ko bavuze, ab'igihe ca kera, ngo: 'Ntiwice.' Jeho Ndababwira Nti: 'Umuntu wese ashavurira mugenzi we, ata mpamvu, aba yamaze kwica.' Mwarumvise ko bavuze, aba kera ngo: 'Ntusambane.' Ariko Jeho ndababwira yuko umuntu wese araba umugore akamwipfuza, aba amaze gusambana na we." Yabigize... *Gukomeza* ni iki? "Kubigira binini kurushiriza incuro nyinshi." None namba musi y'ivyagezwe hari gushitsa ku runganwe rw'icumi na kane, uno munsi ivyo vyomara igihe kingana gute?

22 Abagabo mukiri bato, n'abagabo bamaze gukura, n'abagabo bubatse ntibacubahiriza indagano zabo z'ukwabirana. Emwe, birongorera abagore bakabana nabo aho ari ho hose, nka kurya nyene kw'imbwa zisanzwe. Imbwa iriyubashe kuruta kandi iranafise indero gusumba abantu bamwe bamwe. Ndazi ko ivyo bikaze cane rwose, ariko ni ukuri.

23 Kubera iki? N'amashengero aremeranya navyo kandi nta n'ico abivugako. Kubera iki? Bakora nk'uko nyina nawe akora. Amashengero ni vyo aragwa. Kuko, ishengero n'iri shengero ry'Igiporoti ryavuye mw'ishengero Gatorika, ivyaha vy'ishengero Gatorika bihanirwa Abaporoti. Ata nkeka, niko

biri, rero inkono ntiyovuga ko ibirika "icafuye." Uko ni ukuri kuzuye.

24 Rero turabona, no mu Vyanditswe, twabonye ko . . . Sinigeze mbona urwandiko hano ku meza uyu mugoroba. Navuze nti: "Nimunyereke ahantu na hamwe aho Imana Yigeze Ishiraho idini. Nimunyereke ahantu na hamwe aho Imana Yigeze Ishiraho umugore w'umuvugabutumwa. Ni munyereke ahantu na hamwe aho Imana Yigeze Ishiraho ivyo kumijira amazi. Nimunyereke ahantu na hamwe aho Imana Yigeze Ishiraho ivyo gusukako amazi. Nimunyereke ahantu na hamwe aho Imana Yigeze Itegeka umuntu n'umwe kubatizwa mw'izina rya 'Data, Umwana, Mpwemu Yera.' Ndonderera ivyo bintu." Ariko naho biri uko tuguma tubikora na ntaryo. Vyaranyengetereye mw'ishengero.

25 Rero, nababwiye nti: "Uburyo, canke, igituma tudashobora kuba Ababatista, ni uko twizera yuko ari ukubatizwa mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo. Muri Bibiliya, nta muntu n'umwe yigeze abatizwa ukundi. Munyereke ahantu na hamwe umuntu n'umwe yabatijwe mw'izina rya 'Data, Umwana, Mpwemu Yera,' Nca nduza amaboko mvuge ko ndi umuvugishwa w'ikinyoma."

26 "Kandi namba Bibiliya ivuga ko mutegerezwa 'kubatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo,' bisigura ko mutegerezwa kubikora uko nyene. Paulo yabategetse gusubira kubatizwa. Ntaco bivuze uko bari barabatijwe kose, bategerezwa kuza bakongera bakabatizwa. Bari babatijwe na wa muntu nyene yabatiza Yesu Kristo; Yohana Umubatizi. Yavuze ati: 'Ivyo ntibigikora. Mutegerezwa kuza, mukongera kubatizwa.' Kandi bategerezwa kubikora imbere yuko bahabwa Mpwemu Yera. Wari wo mugambi w'Imana."

27 Noshobora kuvyinjiramwo kurusha aho, uyu mugoroba. Kubera iki? Yesu Arashitsa Ijambo ryiWe. Ivyo muravyizera? Rero, hafi mwese mwari hano iki gitondo, ariko ndashaka kubitebako akandi gatoyi.

28 Kubera iki Paulo yaba-. . . yabibategetse kandi vyaza vyarakozwe? Paulo yavuze ati: "Naho yoba Umumarayika Avuye mw'Ijuru Akaza Ababarira ubutumwa bunyuranye n'ubwo, arakavumwa."

29 Rero muravuga muti: "Turafise Umuco mushasha kuri ivyo." Oya, ntawo mufise. Ivyo ni vyo umurwanizi yaje kuri Eva afise, Umuco mushasha munaka. Ntimukeneye Umuco mushasha. Mukeneye kugendera mu Muco Imana Yamaze gushira hano, nta kindi.

30 Nimwitegereze bino ubu, ukuntu vyoroshe. Igihe bari bavuye ku Musozi wo Gukayanganirako, Yesu Yavuze, Abwira abigishwa biWe Ati: "Abantu bagira ngo Umwana w'umuntu Ndi nde?"

"Bamwe bagira ngo Uri 'Mose, canke Eliya, umwe mu bavugushwa n'Imana.'"

Avuga Ati: "Mweho mugira ngo Ndi nde?"

31 Aca avuga, Petero avuga ati: "Uri Kristo, Umwana w'Imana Nzima."

32 Aca Avuga ati: "Uri umuhirwe, Simoni mwene Yona; kuko ata uw'inyama n'amaraso yabiguhishuriye." Murabona, ntibiza biciye mu maseminari. Ntibiza biciye mu madini. "Si uw'inyama n'amaraso yabiguhishuriye. Ntiwigeze uvyiga mw'ishure na rimwe rya teworojiya. Ariko Data, Ari mw'Ijuru, ni We Yabiguhishuriye. Kandi kuri urwo rutare Nzorwubakako Ishengero ryaNje; kandi amarembo y'i kuzimu ntazorishobora," impishuro ya mpwemu y'Uwo Ari We.

33 Nimurabe, "Nanje Ndakubwira yuko uri Petero. Kandi Nzoguha imfunguruzo z'Ubwami. Kandi ico uzoboha kw'isi, nzokiboha mw'Ijuru; ico uzobohora kw'isi, Nzokibohora mw'Ijuru." Rero, Yategerezwa gushitsa Ijambo ryiWe atari uko ntiYari Imana. Rero, igihe Yakora ivyo, haheze iminsi mikeyi, Yarabambwe, Arazuka, Aduga mw'Ijuru, Petero nawe yugurura Ubutumwa Bwiza ku munsi wa Pentekote. Mbega yarabikoze? Ata nkeka, yarabikoze. Rero mwitegereze, igihe yo . . .

34 Bose barabatwenga, kuko bari buzuye Mpwemu. Babita "utudumbidumbi, aberanda bikumbagaza hasi," canke ayandi mazina nk'ayo. Baranabatwenga bavuga ngo: "Aba baborewe umuvinyu mushasha."

35 Maze Petero ahagaze hagati yabo, aduza ijwi, avuga ati: "Bagabo bene Data, munyumvirize. Mutege amatwi amajambo yanje munyumvirize. Aba ntibaborewe nk'uko muvyiyumvira; ubu ni isaha zizatu gusa z'umunsi. Ariko ibi ni ivyavuzwe n'uwavugishwa n'Imana Yoweli ati: 'Bizoba mu minsi y'iherezo, Nzosuka Mpwemu WanJe,' n'ivyo Yokoreye abahungu baYo, n'abakobwa baYo, n'abashumbakazi baYo, n'abandi, muri ico gihe."

36 Bamaze kwumva ivyo, bacumitwa mu mitima. Kuko, bumvise umuntu atari azi gusoma na ABC, yamara bategerezwa kumutega amatwi, kumenya ko yari afise Ikintu muri we, kimururumbisha, Mpwemu Yera. Kumuhagarika? Emwe, vyobaye ari nko kugerageza kuzimya umuriro, mu nzu yumye, ku munsi hari umuyaga. Ntiwoshoboye kubikora. Yari yuzuye Mpwemu Yera. None rero yakoze iki?

37 Bavuze bati: "None, bagabo bene Data, dukore iki ngo dukizwe?"

38 Uragaba ng'aho, Petero, ni wewe ufise imfunguruzo z'Ubwami. Murabona?

39 Rero, igihe Yesu Yazuka ku munsi ugira gatatu, Ntiyari Afise imfunguruzo z'Ubwami bw'Ijuru. Mbega ivyo mwari mubizi?

Yavuze ati: "Mfise imfunguruzo z'urupfu na kuzimu," atari iz'Ubwami, kuko zari zarahawe Petero.

40 Yavuze ati: "Petero, ico uzobohora cose kw'isi, Nzokibohora no mw'Ijuru. Ico uzoboha kw'isi, Nzokiboha no mw'Ijuru."

41 None ng'aha ahagaze afise imfunguruzo, kugira ngo yugururire isi iki kintu gihezagiye. Kandi aha afise impfunguruzo mu minwe. Na bo bariko babaza bati: "Twokora iki ngo dukizwe?" Rero, ico iyo ntumwa yavuga cose ngo bakore, Imana Yategerezwa kucemeza iri mw'Ijuru, namba Yaramuhaye ubwo bubasha.

42 Petero yaciye avuga ati, "Ni mwihane, umuntu wese muri mwebwe, abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire ya Mpwemu Yera." Mbega ivyo ni vyo? Kandi ico ni co gituma impfunguruzo mw'Ijuru zitakoze mu rindi zina na rimwe, mu yindi nzira n'imwe, mu bundi—mu bundi buryo na bumwe. Rwakoze kw'isi, rukora no mw'Ijuru, atar'uko Yesu Yoba Atashikije Ijambo ryiWe kuri Petero. Kandi ahantu hose muri Bibiliya babatijwe, inyuma y'aho, babatijwe mw'Izina rya Yesu Kristo. Kandi abari barabatijwe imbere y'aho, bategerezwa kuza bakongera kubatizwa, mw'Izina rya Yesu Kristo, kugira baronke Mpwemu Yera. Ivyo ni vyo. N'ubu niko bikimeze.

43 Kubw'ivyo, namba twigisha umubatizo mw'izina rya "Data, Umwana, na Mpwemu Yera," ni ubuvugishwa bw'ikinyoma. Ubu rero sinshaka kubababaza, ariko nshaka kubishimangira kugira ngo iri shengero rimenye ivyo ari vyo. Ntituri hano nk'umugwi w'ibijuju bitize; turazi aho duhagaze mw'Ijambo ry'Imana. Murabona, turabizi. Ndahinyuje umuntu wese ngo anyereke ahantu na hamwe aho hari umuntu n'umwe yigeze abatizwa mw'izina rya "Data, Umwana, Mpwemu Yera." None muza kwumviriza ubuvugishwa bw'ibinyoma canke Ukuri? Nimusese Ivyanditswe. Bibavako.

44 Nimunyereke aho umuntu n'umwe muri Bibiliya, ahari ishengero ryigeze rishingwa nk'idini muri—muri Bibiliya. Nimunyereke muri Bibiliya aho bigeze bashiraho umuvugabutumwa w'umugore. Nimunyereke muri Bibiliya aho ivyo bintu vyose twamye tuvagako, vyigeze bishirwaho muri Bibiliya. Ntabihari. Mbwira ahantu hamwe. Ja mw'idini . . .

45 Igihe Abametodiste bahaguruka, bigishije ukwezwa. Ivyo ni vyiza. Ariko, igihe bakora ivyo, baciye bashiraho idini, biba biraheze. Ni co gituma Bibiliya Yavuze Iti: "Ufise izina."

Uvuga uti: "Ndi Umukristo."

"None, uri mw'idini irihe?"

46 Ugaca uvuga uti: "Umumetodiste," aho, uri maraya rero. "Ndi Umubatista," maraya. "Pentekoti," uri maraya. Uri uw'iryo shengero.

47 Wategerezwa kuba uwa Kristo. Ntavyo kuvuga ngo: "Metodiste," "Batista." Namba uri Umukristo, uri Umukristo mu mutima.

48 Rimwe ryose muri ayo madini rirashobora kuvyara abana, abana b'Imana, ivyo ni vyo. Ariko namba wiyumvira yuko uriko uja mw'Ijuru kubera gusa uri Umumetodiste canke Umubatista, urihenda. Ni co gituma twagumye hanze y'ico kintu.

Kubera iki Ababatista badashobora kubona?

49 Narabajije umugabo umwe w'Umumetodiste hano, ariko yandika igitabu, yacanditse nyene haraheze igihe. Yavuze ati: "Ikintu conyene tukwagiriza, n'uko wifatanya cane n'Abapentekoti."

Nca mvuga nti: "Abo 'tu' ni bande?"

"Twebwe, Abametodiste."

50 Ndamubwira nti: "Reka, ndakubwire ico nzokora. Nzoza mu gisagara i wanyu hanyuma uce ureka Abametodiste mubishigikire."

"Oo," avuga ati, "ata nkeka, ivyo ntitwobikora."

51 Nca mvuga nti: "Ni vyo neza nanje niyumvira. Ngumana n'Abapentekoti kubera Abapentekoti bo baravyizera. Ivyo ni vyo. Barabishigikira. Kandi ni bo bavyungukiramwo."

52 Ni bangahe basomye ya nkuru mu kinyamakuru *Life*, aha nyene vuba, ku bijanye n'ishengero Pentekoti? Ni kimwe mu bintu bikomeye vyabaye muri iki gihe. Baronse abihanye mu mwaka umwe benshi kurusha ayandi mashengero yose uyateranije. Kubera iki? No mu makosa yabo, Imana Ibandanya Ibateza imbere, kuko bizeye Ukuri kandi bakabandanya bajana naKwo. Ni Ukuri.

53 Ariko none turiko dukora iki ubu? Murabona? Ni co gituma tutari idini. Ariko gusa nk'uko Abapentekoti bariko bigira idini . . .

54 Kandi muri kiriya gihe, igihe Mpwemu Yera Yasukwa ubwa mbere kw'ishengero rya Penetekoti, haraheze imyaka mirongo ine, bagatangura kuvuga mu ndimi, imwe mu ngabire. Ni yo ngabire nto mu zindi. Ni yo iri inyuma mu zindi ngabire, nk'uko Paulo Mweranda abivuga, ni ukuvuga mu ndimi. Imaze kwururuka, "Oo," bavuze bati, "ubu twaMuronse," baca bagira idini, Inama Nkuru, ubu akaba ari Amakoraniro y'Imana. "Oo, nta muntu aba araMuronka atavuze mu ndimi," Imana yaciye Ibavamwo ubwo nyene, Ica Ibasiga ngaho. Ata nkeka. Ego, mushingantahe.

55 Haciye haza Abanyabumwe, bazana umubatizo mw'Izina rya Yesu. Bavuga bati: "Oo, twaMuronse," baca baritunganya. Bakoze iki? Imana Yaciye Yisohokera Ibasiga aho.

Ni kuri, "Ushaka wese, naze."

56 Murabona, Abanyabumwe ntibashobora kuja mu bitwa Amakoraniro. Abo mu makoraniro ntibashobora kuja mu Banyabumwe. Naravuganye na bamwe mu bantu bambere bafise, Umushingantahe Goss, na Dogiteri Pope, n'abandi benshi. Abagabo b'abantu bahambaye mu . . . Naricaranye nabo. Ndavuga nti: "Ni gute mushobora kwigisha ico kimenyamenya ca mbere, muri abantu baminuje?"

57 "Egome," bavuze bati "Mwene Data Branham," umwe canke babiri muri bo, bavugishije ukuri koko, bavuga bati: "turazi ko atari vyo, ariko none twokora iki? Hamwe twogira ico tubivuzeko ubu, erega, vyoca bihagarika umugambi wose." Ata nkeka, kandi ntimwoba mukibaye umwepisikopi, canke umugenduzi mukuru. Ico ni co ciyumviro.

58 Mwene Data, nopfuma ngira aka misiyoni gato mu mfuruka, canke nkigishiriza munsi y'igiti c'ipinusi, ariko nkaba mfise Ukuri, ata nkeka, nkaba nzi ko muriko muvuga Ukuri. Umuntu ashaka Ukuri. Kandi utegerezwa, nk'Umukristo, gushingira intahe Ukuri. Imana Izobiguharurako.

59 Rero, kuri ibi bintu, namba utarabatizwa mw'Izina rya Yesu Kristo, ukaba utarakora ibi bintu, ukaba utararonka Mpwemu Yera . . .

60 Uravuga uti: "Oo, naravuze mu ndimi." Ivyo ntibisigura ko ufise Mpwemu Yera.

61 Narabonye abapfumukazi, abapfumu, abadayimoni, n'ibindi vyose, bavuga mu ndimi. Ata nkeka. Ntibafise Mpwemu Yera, kandi ivyo murabizi. Baranywera amaraso mu duhanga tw'abantu, bagatamba, bakambaza umurwanizi, bakanavuga mu ndimi. Ata nkeka. Ntibafise Mpwemu Yera.

62 Kubw'ivyo rero, kubera wavuze mu ndimi, ivyo ntibisigura ko waMuronse. Uburyo bwonyene umenya ko waMuronse, ni igihe impwemu yawe yemeranya na Mpwemu WiWe, ivyamwa vya Mpwemu bikagukurikira: urukundo, ukwizera, umunezero, amahoro, ukwihangana, ingeso nziza, ubugwaneza, ukugira neza. Aho ni ho umenya ko ufise Mpwemu Yera. Arishingira intahe ubwiWe.

63 Rero, iyo uriko ugerageza kuvyishimikiza, kubera uri umunywanyi w'Amakoraniro, canke wa Batista, canke wa Peresibiteriyano, urabona ivyo uba uriko urakora? Uba uriko wakira izina rya maraya. Ivyo ni vyo ata nkeka. Sohoke muve muri ico kintu. Kivemwo. Simvuze ngo usohoke mw'ishengero ryawe canke ikindi; kora ico ushaka kubikorako. Ariko va mu vyo kwishimikiza ngo: "Oo, jewe ndi Umuperesibiteriyano. Twebwe ntitwizera iminsi y'ibitangaza." Ni kuber'iki mutavyizera? Bibiliya Iravyigisha. "Oo, ndi uwo mw'Ishengero rya Kristo. Bavuga ko iminsi y'ibitangaza yarenganye." Ni abavugishwa b'ibinyoma.

64 Noshobora kukwereka aho Yesu Kristo yahaye Ububasha Ishengero, bwo gukiza abarwaye, kuzura abapfuye, no gusenda abadayimoni. Ndahinyuje umuntu wese ngo anyereke Icanditswe muri Bibiliya Aho Yabikuye mw'Ishengero. Icabikuyeho ni igiki? Imitegekere yanyu bwite, ni vyo, atari Ijambo ry'Imana. Mpwemu Yera Aracakora Igikorwa, Aracabandanya uko nyene, kandi Azobikora ibihe vyose.

65 Ni co gituma twebwe tutari idini, "Bafise ishusho yo kubaha Imana, ariko bahakana Ubushobozi bwakwo; abameze batyo wame ubatera ibitugu." Ntitwizera ibintu nk'ivyo.

66 None Vyatanguye gute? Tuza kubwirizwa kwihuta kugira tubishikire vuba bishoboka, ingene vyanatanguye. Ubu rero dufise Ivyanditswe vyinshi vyanditse hano kuri Mpwemu Yera.

67 Ikindi naco, twaratanze agahinyuza ejo ku mugoroba, ku "kwihangana kw'abera," atari mu buryo Ababatista bavyizera. Oya mushingantahe. Ata nkeka ndatandukanye n'Ababatista n'ivyiyumviro vyabo, ku nyigisho zabo z'Igikaruvinista. Ata nkeka sinemeranya n'Abaperesibiteriyano. Sinemeranya n'Abametodiste ku kuntu bafata inyigisho z'aba Arumeniya. Ego, mushingantahe. Ariko bompi barafise ukuri kanaka, ariko utegerezwa kukugarukana *Hano* ahari kwa Kuri. Iyo muvuye aho mwiruka, mugenda ata kwigarura hamwe navyo. Ata nkeka.

68 Ababatista baraza, bakabatiza abantu bakeyi hano, mu kubibiza mu mazi; umuvugabutumwa akababatiza, icenda kw'icumi muri bo batumura itabi, bagasohoka, bagahagarara hariya, bagakina amakarata, bagakina akamari ijoro ryose, bakiruka irya n'ino, bagakora ibikorwa vy'amanyanga; n'abagore bose bambaye amabutura hariya, biruka irya n'ino mu mabarabara, bamwa n'imishatsi yabo, ba—banywa itabi kandi bavuga amajambo, bakora iminsi mikuru yo guhaya impuzu, bavuga ibitebu biteye isoni. Hanyuma ivyo mukavyita Ubukristo? Mugaca mwibaza ko mufise umutekano w'Ibihe Bidashira? Muriko muja i kuzimu ben'uko. Ntiwonezerererwa mw'Ijuru mu buryo na bumwe. Haba namba. Uwo si wo mutekano w'Ibihe Bidashira.

Ariko iyo umuntu yavyawe ubwa kabiri na Mpwemu Yera . . .

69 Namwe Bapentekoti, kubera mwasimbasimvye, mukavuga mu ndimi, mwiruka hirya no hino mu mirongo, ivyo ntibisigura ko mwaronse umutekano w'Ibihe Bidashira. Ivyo ntimwigere mubishira no mu mitwe yanyu. Oya, mushingantahe. Sico bisigura namba. Kuko, murazi ko ubu—ubuzima bwanyu bwite buvyemeza, bushinga intahe ko mudatunganiye Imana. Ni vyo. Ntimutunganye. Uwo nawo nturaba umutekano w'Ibihe Bidashira.

70 Ariko ndashaka kubibariza ikintu kimwe. Harabaho umutekano w'Ibihe Bidashira? Bibiliya Irabivuga. Bibiliya

Ivuga yuko amazina yacu yashizwe mu Gitabu c'Ubugingo c'Umwagazi w'intama imbere yuko isi ishirwaho.

71 Nk'uko navuze mur'iki gitondo, ndabisubiyemwo. Umuntu yanditse ya ndirimbo ngo: "Hariho izina rishasha ryanditswe mu Bwiza iri joro, kandi ni iryanje," iciyumviro ciwe cari ciza, ariko yarihenze, mu buryo bw'Ivyanditwe. Izina ryawe ntiryanditswe rya joro wakizwa.

72 Izina ryawe, nk'uko Bibiliya ibivuga, nk'uko bivugwa mu Vyahishuriwe Yohana 13, 17, n'ahandi, "ryanditswe hariya imbere y'uko isi ibaho; kandi Yesu Kristo Yakerewe imbere yuko amatanguriro y'isi ashirwaho."

73 Ni gute Imana, Yo Itagira itanguriro n'iherezo, ni gute Imana Itagira itanguriro n'iherezo, Izi iherezo kuva kw'itanguriro, ni gute Yari kwigera Yemera ko icaha kiza kw'isi, namba hatari kubw'impamvu kanaka?

74 Kugira gusa bishigikire ibintu bimwe bimwe twavuze. Ni igiki catanguye, Umukiza canke umunyavyaha? [Umuntu umwe avuze ati: "Umukiza."—Umw.] Umukiza, ata nkeka. Ninde afise inkomezi kurusha uwundi, Umukiza canke umunyavyaha? Namba Umukiza Ashobora gukuraho icaha, ni We Akomeye kurusha. None, ni kubera iki Yaretse icaha kikaza ubwa mbere? Kugira ngo Yerekane ko Ari Umukiza. Ni nde akomeye kurusha uwundi, uwukiza indwara canke indwara? Uwukiza indwara. None ni kubera iki Yaretse indwara ikaza? Kugira ngo Yerekane ko Ari Uwukiza indwara. Numva ndi muri Mpwemu kano kanya. Ego, mushingantahe. Oo, bagenzi! Ivyo ni ibiYigize.

75 Nico gituma Areka ingorane zikaza. Nico gituma Areka umubabaro ukaza, kugira ngo Yerekane ko We Ari umunezero. Ata nkeka, niko biri. Ni co gituma dufise ijoro, kugira ngo vyerekane ko hariho umurango. Ni co gituma dushavura, kugira ngo vyerekane ko hariho amahoro. Ata nkeka, ni ikintu n'igihushane caco. Oo, ni Mwiza cane.

76 None, vyatanguye gute? Turabijako ubu nyene, twihuta uko bishoboka, kugira ngo sindabafatire ijoro ryose. Rero, hategerezwa kubaho intango y'ibintu vyose.

77 Kandi nshaka kubabaza ikintu kimwe. Rero ibi bishobora . . . Ibi bishire gusa mu mufuko w'ikoti yawe. Si ngombwa ko ibi muvyongera ku rutonde rusanzwe rw'imfungurwa. Ariko nimutege amatwi bino.

78 Namba uri icaremwe Gihoraho, aho rero ntiwigeze ugira intango, kandi ntushobora kuzogira iherezo. Kuko, *Igihoraho* rivuye mw'ijambo "ikitagira intango canke iherezo."

79 Mbega ivyo ntimuvyibuka? Navuze, mu gitondo, kuri Melekisedeki, igihe yahura na Aburahamu avuye kunesha abami. Bibiliya Ivuga, mu Baheburayo 7, ko—ko, "Lewi yahaye ikigiracumi Melekisedeki, igihe yari mu bura bwa se

Aburahamu." Aburahamu yavyaye Isaka; Isaka avyara Yakobo; yakobo avyara Lewi. Uwo yari se, sekuru, na sekuruza. Kandi igihe Lewi yari mu bura bwa sekuruza, Bibiliya imuharura ko yahaye ikigiracumi Melekisedeki. Muvuga Uguhoraho! Bagenzi, bagenzi! Ntiyigeze avuga ngo: "Yabikoze mu buryo bw'igitutu; yabikoze mu buryo bw'ugutegekanya." Bibiliya Ivuga ko, "Yatanze ikigiracumi." Amen.

80 Rero, namba twazananye mu ruvyaro nyarwo, igihe Paulo yavuga Ubutumwa Bwiza, ni ho nari namwe niho mwari. Tugiye kuvyinjiramwo, mu kanya gatoyi, gushika ku matwi. Nimwihweze, ivyo ni vyo Ivyanditswe bitwemeza, vyaragiye na hariya inyuma kera cane.

81 Namwe nimwiyumvire! Lewi; hanyuma Yakobo, se wiwe; hanyuma Isaka, se wiwe; hanyuma Aburahamu, se wiwe; sekuruza. Igihe Lewi yari mu bura bwa sekuruza yarahaye ikigiracumi Melekisedeki.

82 Nshaka ndababaze. Uyu ni nde, muri Yobu 27. . .38, igihe Yavuga ati: "Mbega wewe wari hehe igihe Nashiraho amatanguriro y'isi? Igihe inyenyeri zo mu gaturuturu zaririmbira hamwe, n'abana b'Imana bagasamiriza impundu?" Abo bana b'Imana basamiriza impundu bari ba nde? Yesu Yarababwiye, Ati: "Nanezeranwa namwe imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho." Ntituri ibiremwa vy'igihe. Turi ibiremwa vy'Ibihe Bidashira.

83 "Nta muntu ashobora kuza kuri Jewe, Data Atamukweze. Kandi abaza kuri Jewe bose, nzobaha Ubugingo Budashira, kandi Nzomuzura mu minsi y'iherezo. Nta n'umwe ashobora kubashikura mu maboko ya Data, We Yabampaye." Ni gute mwozimira?

84 Murabona, mufise ubwoba. Muri mu gatengo. Mwiruka hirya no hino hano. Kandi ico ni kimwe mu bimenyamenya vya mbere, mw'isi, ko ataho murigera mushika. Ni vyo. Imana Yoshobora Ite kwigera Igukiza namba I. . .

85 Ni bangahe mw'ishengero boduza amaboko yabo, bakizera ko Imana Itagira intango n'iherezo? Murazi ico ijambo *kutagira intango n'iherezo* bisigura? Biratunganye nyene. Kutagira intango n'iherezo, ntushobora—ntushobora gusigura ijambo *kutagira intango n'iherezo*.

86 Mwoba mumaze gufata kamera yanyu mukayiregerera ahatagira intango n'iherezo? Aho, bisigura gusa guhera aho no kubandanya. Neza. Nta buryo buhari bwo gusubira kuregera kandi.

87 Rero, ico ni co Imana Iri. Ntigira intango n'iherezo. Kandi namba Itagira intango n'iherezo, nta funderi, nta sazi, nta mbaragasa, nta nda, nta mvunja, nta na kimwe cigeze kubaho kw'isi, canke kizokwigera kibaho, Imana Itamenye imbere y'uko

isi inabumbwa. Ng'iyo ishusho y'iciyumviro kijanye no kutagira intango n'iherezo.

88 Rero, aho, Imana Itagira intango n'iherezo Ikurokora ubu, Izi ko Izogutakaza mu ndwi iza, canke mu kwezi kuza, canke mu mwaka uza, Yoba Iciye kubiri na ya ntumbero nyene. Ntishobora kugutakaza. "Uwumva Amajambo yaNje, akizera UwaNtumye, afise Ubugingo budashira kandi ntazoca mu Rubanza, ariko yavuye mu rupfu aja mu Bugingo." Ntishobora gukora ivyo. Ntiwoba ugishobora . . .

89 "Uwavyawe n'Imana ntakora icaha; kuko urubuto rw'Imana ruguma muri we, kandi ntashobora gukora icaha." Ni gute yokora icaha hariho ikimazi c'icaha kubwiwe?

90 Ni gute noba ndwaye kandi mfise amagara meza? Ni gute noba ndi impumyi kandi nshobora kubona? Oo, bagenzi! Ni gute noba mu nzu nkaba n'inyuma y'inzu mu mwanya umwe? Ni gute noba naborewe nkongera nkaba ntanyoye mu mwanya umwe? Ntiwobishobora.

91 N'iyo wakijijwe, uba uri munsi y'Impongano, ivyaha vyawe ntibiba bikiguharurwako. Mbe Dawidi ntiyavuze ati: "Hahirwa umuntu Imana Idaharurako icaha, Itagiriza icaha"? Imana Ntiharura icaha ku caremwe caYo. Ivyo birakomeye. Ayo si amata y'urubu. Ariko ni Bibiliya. Imana Ntizoharura icaha ku mugororotsi.

92 "Mana," kubw'ubuntu bwaYo, biciye mu gutoranywa, "Ntigomba ko hagira n'umwe apfa, ariko Igomba ko bose bihana." Ariko gusa kuko Itagira intango n'iherezo, kandi Ikaba Yari Izi uwoje n'uwutoje, Yarashoboye gutoraniriza ibintu vyose gukora kubw'ubugombe bwaYo. Namba Itabikoze, ni kuki Yaretse icaha kikaza ubwa mbere? Igihe Yari Umukiza . . . Iyo hataza kubaho umunyavyaha, NtiYari kwigera Iba Umukiza; icari kiYigize, icari muri Yo, nticari gusokoroka.

93 Ni gute none Yahindutse uwukiza indwara? Ni gute none Yahindutse uwukiza indwara? Kubera Yemereye indwara ko iza, kugira ngo Ishobore kwiYerekana ubwaYo nk'uwukiza indwara. Yari uwukiza indwara. Ni gute mwokwigeze muba . . . Ni gute Yokwigeze Imenyekana? Ni gute ibiYigize vyari gukora? Ni gute Yari kuba uwukiza indwara, iyo hataza kubaho indwara? Yategerezwa kwemera ko habaho indwara.

94 Ntibitangaje ko Paulo yavuze, mu Baroma 8 ati: "Wa muntu w'igipfu we, ni nde ashobora kubwira u—umubumvyi ico yobikoza; ni nde, mbega ibumba ryohagarara rikavuga riti: 'Kuki wambumvye, wewe, kuno?' Mbega ntiYahagurukije Farawo kubw'iyo ntumbero nyene, kugira ngo Yerekane icubahiro caYo hariya muri Egiputa? Ikomantaza uwo Ishatse, igatsindanishiriza uwo Ishatse. Si kubw'ushaka, canke kubw'uwiruka ariko ni Imana Igira imbabazi."

95 Rero, nta na kimwe ufise ubikorako. Nta kintu na kimwe wokora. Namba ari ubuntu, nimba ari ingabire ku buntu, nta na kimwe woshobora kubikorako. Imana ni Yo Yabiguhaye, kandi ubwo ni bwo bugombe bw'Imana. Ico ni co kintu Imana Yagutoranirije kuva kera.

96 Bibiliya ivuga ko "twatoranirijwe kuba abana samuragwa, abana b'Imana, imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho." Rero, igihe Imana Yakerera Umwagazi w'intama, mu vyiyumviro vyaYo bwite, imbere yuko amatanguriro y'isi ashirwaho, ngo Igaragaze ibiYigize, ico Yari Iri; Igihe Umwagazi w'intama wakererwa, twakereranywe na Wo. Igihe Amaraso y'Umwagazi w'intama yakirwa mu vyiyumviro vyaYo, kera imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho, izina ryanje n'ayanyu niho yandikwa mu Gitabu, vyose muri vya vyiyumviro vyaYo bihambaye.

97 Ntigira intango n'iherezo. Namba atari vyo Yakoze, kuki Yavyemeye? Ni iki gikomeye kurusha, (nabivuze,) Umukiza canke umunyavyaha? Ni nde afise inkomezi kurusha uwundi? Rero, vyabaye ngombwa ko uwukomeye cane yemerera uwudakomeye cane, kandi Ibikora gusa kubw'Icubahiro caYo. Igihe Yarema Lusiferi, Yari Izi ko azoba umurwanizi. Yategerezwa kubireka bikaba kugira ngo Yerekane ko Ari Umukiza, Kristo. Yategerezwa kubireka bikagenda uko.

98 Mbega, Bibiliya ntivuga ko: "Ku bakunda Imana vyose bifataniriza hamwe kubazanira ivyiza"? None mutinya iki?

> Reka duhaguruke dukore,
> N'umutima witeguriye guhangana;
> Atari nk'inka zitumva babanza gusunika!
> (Zibanza kwingingwa no kwumvishwa.)
> Tube intwari!

99 Ivyo ndabikunda. Haguruke! Hariho icese gitoyi cahora kimfasha cane igihe nari umwana, cavuga ukuntu nk'uku:

> Habayeho umutware w'Umuroma,
> Mu gihe c'umwami w'abami w'Abaroma,
> Yumvise ikijora cidoga,
> Imbere y'ingoro kivuga giti:
> "Oo, hari umutekano muri iki kirimba,
> Ntawoshobora kukinyiganyiza!"
> Intwari ica ivuga iti: "Oo, oya,"
> "Nzoronka inzira canke nzobikora!"

100 Ng'aho rero. Ivyo ni vyo. Namba iyi Bibiliya Yigisha yuko uko Yesu Kristo Yari Ari ejo ariko Ari n'uno munsi, kandi ari ko Azokwama Ibihe Bidashira . . . Nticari ikintu coroshe igihe nava muri uru rusengero wa munsi, bose bambwira ngo *iki* kizoshika, na *kirya* kizoshika. "Urashobora gufatwa nk'umunyakaguma, ugatererwa mw'ibohero, kandi amashirahamwe y'abavuzi yose ashobora kuguhagurukira." Ariko Imana Yavuze ngo mbikore.

Bibiliya Ivuga ko ariko Yari. None ubu umuriro w'umuvyuro uriko uraka mu mahanga yose ari munsi y'Ijuru. Kubera iki? Birwanire!

> Ni gute utangura akazi kawe ka buri munsi?
> Mbega uratinya akazi kakurindiriye?
> Urashobora gushira umutima neza ku gikorwa kiri imbere?
> Umutwe wawe woba warushe ata kirimwo? (Ivyo bintu ndavyanka.)
> Urashira umutima neza ku gikorwa kiri imbere,
> Canke uracuzuye ubwoba?
> Biri uko rero, ja ku gikorwa gikurikira ubona, mu kwiyumvira ko ugiye kugikora.

101 Wumireko. Ego cane. Ugire intumbero mu mutima, nka Daniyeli. Gumana n'Imana.

102 "Ibi vyose vyabereye he? Vyashitse gute? Ni igiki gituma abantu bamera gutyo? Ni kubera iki dusa n'abiteguriye guhonywa? Mwene Data Branham, binsigurire. Ni iki gituma wiyumvira ko ivyo vyose bitegerezwa gukurwaho?" Vyarigeze gukurwaho kera, (mbega sivyo?) mu gihe c'umwuzure. Aha twinjiye mu bintu vy'i bwina. Kandi duca twitegurira gusoma.

103 Nshaka ko muzingurura hamwe nanje kano kanya, mu Gitabu c'Itanguriro, mu gice ca 3. Namba hari ico mushaka kumenya, ndashobora kubereka muri iki Gitabu c'Itanguriro ko buri gusenga kwose na buri nyigisho yose, n'ibindi vyose dufise uno munsi, vyatanguriye mw'Itanguriro. Ni bangahe bazi ko *Itanguriro* bisigura "intango"? Ata nkeka.

104 Turabona ishengero Gatorika mu ntango, Baburoni, Nimurodi uwaritanguje; turabisanga hagati muri Bibiliya, turabisanga no mu mpera ya Bibiliya; turabona, bagerageza kuzana abagore b'abavugabutumwa, mu ntango ya Bibiliya, mu gusenga udushushanyo dukozwe mu mizi. Ni bangahe bamaze gusoma igitabu c'akahise ca Hislop citwa *Baburoni zibiri*? Ni vyiza. Ni murabe, muri izo nkuru. Hariho umugore . . . hanyuma rero, muribuka? Na Yakobo yarivye imana za se, maze umukobwa wiwe arazinyegeza azicarako arazijana mu bugaragwa, ivyahavuye bihumanya ikambi, mu nyuma. Ni vyo.

105 Reka dusome hano rero mw'Itanguriro.

> *Inzoka yarusha amayeri ibikoko vyose vyo mw'ishamba* U*HORAHO Imana yaremye. Ibaza uwo mugore iti:"Mbe* ni *ivyo ukuri koko yuko Imana yavuze ngo:'Ntimurye ku giti na kimwe co muri iri tongo?'"*

> *. . . umugore yishura iyo nzoka ati: "Ivyama ku biti vyo muri iri tongo turemerewe kubirya:*

*ariko ivyama ku giti. . .kiri hagati mw'itongo, ni vyo Imana yatubujije ngo, ntitubiryeko, canke ngo tunabikoreko, kugira ngo ntudupfe."*

*Iyo nzoka yishura uwo mugore iti:"Haba namba ntimuzopfa.*

*Kuko Imana izi yuko umunsi mwabiriyeko, amaso yanyu azokwihweza,* (murabona, kurondera Umuco mushasha), *mukamera nk'Imana ku vyo kumenya iciza n'ikibi."*

106 Murabona uko abo bantu bameze uno munsi, bagerageza gukurako kuri Bibiliya? "None, ntivyoroshe gusukako, canke kumijagira amazi, canke *ubu* buryo, canke *buriya* buryo?" Oya mushingantahe. Imana Yarashinze urutonde, kandi urwo nirwo dutegerezwa gukurikira, *Uru.*

*Uwo mugore abonye ico igiti ko kibereye kuribwa, kandi ko gihimbaye mu jisho, ari igiti* co. . . *kwipfuzwa kimenyesha ubwenge, yamura kuvyo* camye*, arabirya, ahako* n'*umugabo wiwe bari kumwe, na we ararya.*

*Amaso yabo bompi arihweza, bamenya yuko. . . bagenda gusa, bafatanganya ibibabi vy'imisukoni, bironkeramwo uducocerwa.*

107 Nashaka guhagarara hano akanya gato. Rero, habwirizwa kubaho itanguriro ry'ikintu cose. Waragize itanguriro. Rero tu. . .Aha ni ho nashaka gushira umushinge wa vyose, ivyo tumaze iminsi tuvuga mu bikorane bibiri biheruka, no gushika aha.

108 Rero, mu gatondo twasubiye inyuma kugira ngo twihe ishusho, muri Bibiliya, y'igihe Imana Yariko Irarema isi, ko igihe Yariko Irarema imyuka; hanyuma iyo myuka igahinduka kalisiyumu, potasiyumu na—n'ibindi bintu bitandukanye. Yariko Irabumba umubiri wawe. Yariko Irategura inyubako, nk'umwubatsi w'umuhinga, nk'uwubakisha ariko ashira ibikoresho ngaho kugira ngo yubake inzu. Yariko Irabumba umubiri wawe, kandi Yari Yawushize ngaho. Yari izi neza na neza, mu vyiyumviro vyaYo, icari kigiye gukorwa.

109 *Kuno* kuboko, Imana Yaremye kuno kuboko imbere yuko I. . .igihe Yariko Irema isi; ariko, impwemu yanje Yayiremye imbere y'uko isi ibaho. Rero, ariko kuno kuboko n'uno mubiri, Yabibumvye igihe Yabumba isi, kuko uyu mubiri wavuye mw'ivu, kandi uzosubira mw'ivu. Imana ni Yo Yabikoze. Vyose Yabiteguye muri ya nteguro ihambaye n'umugambi waYo.

110 Rero, igihe Yatangura kurema isi, Yararemye umuntu, uwo muntu na we ntiyasa n'uwari akwiye. Rero ivyo twabibonye, mu gatondo, twihaye ico gicapo, ukuntu Da—Data yaje kw'isi Akitegereza umwana wiWe, yaremwe mw'ishusho yiWe, n'ibindi. Hanyuma Imubumbira umugore, umufasha.

111 Ubu rero, nimwibuke, yuko, ivyaremwe vyose vyo kw'isi, Adamu ari we yavyise amazina.

112 Yari Yaremye i—ibitungano, ibikoko n'ibindi. Kandi uno munsi, tu. . .Abahinga mu vy'urukutikirane rw'ibintu na—n'incabwenge zihambaye mu vy'ubumenyi, bamaze imyaka ibihumbi bitandatu, bagerageza, gutora ako gace kabura, igituma ico gikoko. . .Umuntu afise ubuzima bw'igikoko. Ivyo turabizi, ko twabumbwe. . .

113 Kandi umugore ni igice c'umugabo, icavuye mu kindi. Umugore ntiyari mw'iremwa ryo ku nkomoko. Hari haheze imyaka n'imyaka Imana Yarahejeje kurema, igihe Yabumba umugore Imukuye mu kagufa ko mu rubavu rwiwe. Adamu yari yarise amazina ivyaremwe vyose, ibindi vyose, ariko nta na kimwe cariho ciwe. Nuko, Ica Imuremera umufasha; Yafashe akagufa ko mu rubavu rwiwe, Irahugara, maze Imuremera umufasha. Kandi umuntu, mu mpwemu yiwe, yari vyompi umugabo n'umugore.

114 Kandi umugore ni igice c'umugabo gusa. Kandi iyo umugabo arongoye umugore, iyo vy'ukuri ari umugore wiwe, umugore yahawe n'Imana, azoba kuri we neza nk'igice ciwe.

115 Ni co gituma hari ingorane nyinshi mu bubatse, ni kubera yuko ugenda ukabona umukobwa kanaka afise amaso meza y'inginagina canke y'ubururu, canke ikintu nk'ico, asa neza mu maso, ugaca umukunda. Amaze kuronka umwana wa mbere, amenyo akavayo, akazana iminkanyari agasaza, ugaca rero ushaka kumwirukana. Na bamwe muri mwebwe bagore murahura n'umusore w'imishatsi iremvye, yayisutseko igice c'icupa ry'amavuta ya nyina, yizingazinze. Ariko ivyo vyose bizohera; ivyo ndabizi nk'inararibonye. None ni igiki kiba? Ni ibiki? Murareka mugatwarwa na vyo.

116 Wotegerejwe kubanza gusenga, kuko umugore ari igice cawe. Kandi iyo wahobereye umugore mu gikiriza cawe, ukabana nawe nk'umugore wawe, uka. . .Agusigako amakanda. Turabivuga uko kugira ngo mutahure. Kandi uwundi mugore uwo ari we wese uzoshira kuri ico gikiriza ntazohura n'ayo makanda. Imana Izobikubaza. Rero ivyo uvyibuke gusa.

117 Wewe usohokana umugore w'abandi kandi. . .Numvise uno munsi inkuru y'umukobwa muto hano mu gisagara, umugorwa akiri muto. Ndamuzi. Hari umukinyi w'akamari amugurira impuzu nyinshi nziza, n'ibindi, agerageza kumuhendahenda gutyo. Imbeba, uwukora ibintu nk'ivyo ntanakwiye no gufatwa nk'umuntu.

118 Murazi, n'imbwa ntiri ku rugero rwo hasi gutyo, yamara imbwa y'imvyeyi muyita "imbwakazi." Irafise ukwisonera gusumba ukw'igice c'abagore b'i Jeffersoville bafise. Hanyuma mukita ingurube y'imvyeyi ya kera ngo ni "ingurube," kandi atari. . .Irafise ukwisonera kurusha abagore bo mur'izi

Reta Zunze Ubumwe za Amerika, benshi muri bo. Ivyo ni ukuri kutagabanije. Rero, ndazi ko ibi bikubita ahababaza. Nababwiye ko nari ngiye kubinonosora neza, nkaba nshaka ko mubimenya. Kandi ni ukuri. Abagore bose bo muri ino minsi, ntibanazi ukwisonera ico ari co. Muravuga muti: "Ntibibabaza agatima muntu kanje." Ntako ufise namba. Nimwitegereze. Ego, mushingantahe. Mu gihe uzi ikibi n'iciza.

119 Rero nimwitegereze. Uyu muntu, igihe yaremwa, Imana Yatandukanije impwemu yiwe. Ica Ifata agace Igakura mu mugabo, urubavu rwiwe, Irubumbamwo umugore. Hanyuma Ica Ikura mu mugabo ya mpwemu kigore, yoroshe, ibumbamwo umugore. Maze Ibumba umugabo, w'inguvu.

120 Kandi iyo ubonye u—u—umugabo agize gato . . . urazi, yikora inzara, canke uko muvyita kwose, inzara zo ku ntoke; kandi, murazi, bane ku ruhande na batanu ku rundi ruhande, n'i—n'imishatsi irembeshejwe; akaguma yasamitse umunwa nk'uko, n'ibintu nk'ivyo; bamwe muri aba bahungu beza cane. Uvyibuke, mushiki wanje, hariho ikitagenda neza kuri iyo nyoni. Hariho ikitagenda neza. Icoba ciza ni ukumugumizako ijisho.

121 Kandi iyo ubonye umugore n'umusogoto w'itabi ku ruhande rw'umunwa, yambaye isarubete, avuga ati: "Ndakubwire ivyo ari vyo, muhungu!" Mwene Data, ucunge uwo mukobwa. Hariho ikitagenda neza kuri we.

122 Umugore, yategerezwa kuba umugore, kandi yategerezwa kwambara nk'umugore. Igihe Imana Yarema umugabo, Yamubumvye mu buryo bumwe, kandi Ibumba n'umugore mu bundi buryo. Kandi iyo Imana yambitse umugabo, Imwambika mu buryo bunaka, umugore nawe mu bundi buryo. Bibiliya na Yo Yavuze iti: "Ni ikizira ko umugore yambara impuzu z'umugabo."

123 Namwe bagore, mwambara utwo dupantaro n'ibindi, mukadusohokana, utuntu . . . Mbega mutwita gute, ikimono? Batwita . . . ? Oo, ni ibiki birya bintu ba . . . ? Oya, oya, si amabutura, ni zimwe zindi, z'amaguru maremare. [Umuntu umwe avuze ati, "Ayasunika ipedari."—Umw.] Ayasunika ipedari, n'isarubeti, isarubeti z'akazi.

Winjiye aho, bakavuga ngo: "Izi ni iz'abapfasoni."

124 Navuze nti: "Oya murihenda. Abapfasoni ntibambara ivyo bintu. Abagore barashobora kuzambara, ariko abapfasoni ntibashobora." Ni vyo.

125 Bibiliya ivuga ngo; "Ni ikizira ko umugore yambara impuzu . . . n'umugabo kwambara impuzu z'abagore."

126 Abagabo batera bahinduka nk'abagore buri munsi, abagore na bo bagahinduka nk'abagabo. Hari ingorane nyabaki? Turabibona mu kanya gatoyi, twisunze Bibiliya. Abagore ntibakiri abagore. Simvuze mwebwe abagore b'Abakristo.

Ndiko mvuga muri rusangi. Bashaka gukora nk'abagabo; bashaka kwimosha umushatsi nk'abagabo; bashire amaboko kw'ikontwari y'akabare *gutya,* baririmbe ngo *Mana Hezagira Amerika*, bafise umusogoto w'itabi ku ruhande mu kanwa.

127 Baramanuka mw'ibarabara, bagasubiza inyuma gutya, bagafata ibarabara rikuru. Twaraharuye . . . Nshaka kubabwira ikintu kimwe. Namwe bagore mutwara amamodoka, mwumvirize. Twe na Billy Paul, muri aya mezi atandatu y'ibikorane mu gihugu, naraharuye igitigiri c'amakosa abera mw'ibarabara. Ku makosa amajana atatu yo mw'ibarabara, mwibaza ko ayatewe n'abagore batwara imodoka yangana gute? Habura gusa . . . Cumi n'icenda ni yo yari ay'abagabo. Amajana abiri na mirongo umunani canke, nibaza ko yari amajana abiri na mirongo umunani na rimwe bari abashoferi b'abagore. Abagore b'abashoferi! Rero, sindiko mvuga ko hatariho abashoferi beza b'abagore. Ariko ntazobura gukatira iyo ashatse.

128 Hanyuma ugerageze kumuhana? Apfe gusa kuba asa neza, ahagaze ngaho, agira neza imishatsi umupolisi ariko araza. "Kuki," aca avuga ati, "nta nkeka, ni wewe uri mu makosa!" Hmm! Nta mategeko tugira.

129 Barabigaragaje ejo bundi muri rwa rubanza rw'amakori mperuka kuvamwo. Nta mategeko tugira. Namba hariho . . .

130 Ntibitangaje ko ba batware bahambaye bo mu Bwongereza bavuze bati: "Demokarasi bwari ubwato gusa butagira inanga." Ivyo ni vyo, bahagarara kw'isandugu y'amasabuni, biyamamaza. Demokarasi yaraboze, co kimwe n'intwaro z'umukazo n'ibindi vyose. Vyose vyaraboze. Hasigaye ikintu kimwe gusa Imana Iri bukore, ni gusangangura ivyo bintu vyose, nk'uko Yavuze ko Yobikoze, Igaca Itangura gushasha. Ni mwihweze neza ingene muri hafi ya kwa Kuza.

131 Rero igihe uyu mugore . . . Yaramubumbiye umufasha, kandi yategerezwa kuba umufasha wiwe. Hanyuma rero . . .

132 Rero, hano, sindigera ndonka umuvugabutumwa n'umwe tubihurizako. Rero bagerageza kubivuga ukundi kuntu, ariko kuri jewe ntibisiguritse. Bagerageza kuvuga ko Adamu na Eva bariye ipome. Mwene Data, namba . . . simvuze ibi nk'ibitebu ubu, ariko nshaka kubivuga. Kuko, namba kurya amapome bituma abagore babona ko bari amenya, vyoba vyiza twongeye kubaha amapome kandi. Kandi murazi ko ivyo ari vyo.

133 Murazi yuko, kurya ipome, atari vyo bakoze ngo bitume babona ko bari amenya. Ata nkeka, si ivyo. Vyategerezwa guca mu guhuza ibitsina. Ni ko vyategerezwa kuba kuko baciye babona ko bari amenya igihe barya kuri ico camwa kibujijwe. Mbe umugore si igiti c'ivyamwa? Mbega wewe nturi icamwa ca mama wawe? Ico ni co camwa cari carabujijwe kuribwa.

134 Ng'iki rero ikintu gihambaye. Rero ikintu cegereye umuntu kurusha ibindi ubushakashatsi bumaze gutora cari . . . Barazura amagufa ya kera, bagafata ibisigarira, bagafata imitwe, bagafata n'uduhanga, n'amaboko, n'amagufa, bakagerageza kubigira ngo bise n'ikiremwa muntu. Ariko barazi yuko ikintu bamaze gutora cegereye umuntu gusumba ibindi, igikurikira, ari imamfu. Ni co kiremwa cegereye ikiremwa muntu kurusha ibindi; ariko n'ubwo ntiwoyigereranya n'umuntu, ari hejuru cane.

135 Ikiremwa kiri hasi kurusha ibindi mu bifise ubuzima ni igikere; ikiri hejuru na co ni ikiremwa muntu. Imana Yatanguriye hasi cane Igenda Iduga, gushitsa Ibishikanye neza mw'ishusho yaYo. Yabicishije mu nyoni n'ibikoko, kubandanya, gushitsa Ironse ishusho y'Imana. Yaremye umuntu muri iyo shusho. Ni yo shusho iri hejuru ya zose. Ishusho yo hasi cane ni ikinyamurobo gihindukamwo igikere, n'ibindi.

136 Rero, aka gace kabura badashobora gutora. Nimwihweze Ivyanditswe ubu. Mwebwe, benshi muri mwebwe, ntimuza kwemeranya n'ibi, ariko nshaka . . . nshaka gusa ko mugumiza ibi mu mutwe. Kandi ntimubirwanye. Mwumvirize.

137 Ndazi ko benshi muri mwebwe mwamye mwumviriza Dogiteri DeHaan. Ata nkeka nda . . . Nk'umuntu wijunja nk'iryiwe, kandi mwene Data mwiza w'Umubatista, ata nkeka ndamuha agaciro. Arafise ubwenge bwinshi na vyinshi kundusha, kandi—kandi yaribagiye na vyinshi ntazigera menya; kuko ni Umwigisha wa—wa Teworojiya, kandi ni umudogiteri mu vy'ubuganga, akaba n'Umudogiteri mu vy'Ubumenyi. Ni umuntu aciye ubwenge. Ariko avuga ko abo . . . Igihe abana b'Imana babona ko abakobwa b'abantu ari beza; aja ku ruhande rwa Josephus agaca avuga ko "ba—baciye binjira mu mibiri y'abantu," baca babatoramwo abagore. Niho rero ibigatanya vyo mu gihugu c'i Nodi vyavuye. "Baciye babarongoramwo abagore babana na bo, igihe abana b'Imana, ba Bamarayika bagwa, barongora bakabona abakobwa b'abantu; ukwipfuza kw'umubiri kwari ikintu kirenze, kandi kuko baza ari abanyavyaha baguye, baciye binjira mu mibiri y'abantu."

138 Bakoze ivyo, boba bononye ivyo ugukizwa indwara n'Imana, boba bononye vyose. Namba umurwanizi ashobora kurema, yoba angana n'Imana. Umurwanizi ntashobora kurema. Nshaka munyereke ahantu na hamwe umurwanizi ashobora kurema. Ntashobora kurema. Ico akora gusa ni ukonona ivyaremwe. Si umuremyi. Ni umwononyi gusa.

139 None rero, habaye iki? Ni mwihweze. Ng'uku uko ndabibona. Ng'aka ka gace kabura.

140 Rero barafise imamfu, ariko ntushobora guhuza imamfu n'umugore ngo avyare umwana. Ntushobora guhuza umuntu

n'igikoko na kimwe. Ntibivangana. Ntushobora gutanga amaraso ku gikoko na kimwe.

141 Igihe nari muri Afrika, bafata gutyo abo birabure baba hariya; hari uwambwiye ngo: "Nta kindi bari atari ibikoko."

142 Ndavuga nti: "Umbabarire. N'abantu neza co kimwe nawe, kumbure no kukuruta gatoyi." Reka ndababwire, igihe ufise inyifato nk'iyo, uba uriko urasubira kuba igikoko. Navuze nti: "Uwo muntu, naho yoba yirabura tsiritsiri, canke asa n'umuhondo nk'umwungu, canke asa n'ubururu cane, arashobora kugukiriza ubuzima mu kuguha amaraso. Ariko ntiwoshobora namba gushira amaraso y'igikoko muri wewe." Ata nkeka, ni umuntu.

143 Kubera yuko gusa urukoba rumwe rwirabura, urundi rufise inzobe, urundi rusa n'umuhondo, urundi rwera, ivyo ntaco bisa bisana. Bibiliya ivuga ngo: "Imana Yaremye abantu bose ibakuye mu maraso amwe." Kandi uko ni ukuri kweruye. Aho twabaye, hatumye duhindura amabara, ntaco bisa bisana n'ivyo. Imana Yaremye amahanga yose iyakuye mu muntu umwe—umwe, mu maraso amwe, amahanga yose co kimwe.

144 Abashinwa; umuntu yirabura ntiyoshobora kuvuga, umwirabure ntiyoshora kuvuga, ngo "Uwo Mushinwa a—asa n'umuhondo, ntaco tuzohurirako." Ni mwene So. Na wewe muzungu ntiwoshobora kubwira uwusa n'umuhondo canke umwirabure, yaba umwe canke uwundi, ngo: "Ntaco dusana nawe." Ni mwene So. Uko ni ukuri kuzuye.

145 Mwihweze, rero, ng'ibi ivyabaye. Ndizera, kandi ndashobora kubishigikiza Bibiliya, ko ari inzoka yabikoze. Inzoka ni yo wa muntu abura hagati y'imamfu n'umuntu. Kuko, mwumwirize, mwihweze bino ubu, inzoka ntiyari icikwega hasi. Yarusha "ubugunge" ibikoko vyose vyo mw'ishamba.

146 Rero, nagiye ndafata za kazinduzi, uno munsi, nkuye hose, ndondera iri jambo, ico iri jambo *ubugunge* risigura. Risigura ngo "kuba ufise ubwenge, ufise amayeri," kandi insiguro ya mbere y'I—y'Igiheburayo (ivuye muri m-a-h-a-h, mahah) risobanura "kugira ubumenyi nyabwo bw'ingingo ngenderwako z'ubuzima."

147 Reka tubirabe akanya gato. Ni umunyabwenge, umunyamayeri, yamara yitwa "inzoka." Ariko, mwibuke, niyo yarusha ubwenge ibindi vyari bihari, kandi isa n'ikiremwa muntu kurusha ibindi vyose vyari mw'ishamba; yegereye ikiremwa muntu kurusha ibindi. Ntiyari icikwega hasi. Umuvumo niwo watumye yikwega hasi. Kandi yari . . . Bibiliya ivuga ko yari nziza kurusha vyose.

148 Mbere n'umuvumo ntiwayikuyeko ubwiza bwose; amabara meza y'inzoka arateye igomwe n'ubu, n'ukuntu imeze n'amayeri. N'umuvumo ntiwashoboye kubikuraho. Ariko, mwibuke, Imana Yayibwiye ko amaguru yayo ayikuweko ko izokwega inda

hasi. Ntushobora kuronka igufa na rimwe ry'inzoka rimeze nk'iry'umuntu, ni co gituma ubushakashatsi buca butakara. Ariko ng'iyo.

149 Imana Yabihishije amaso y'abanyabwenge n'abahanga, Ica Isezerana kubihishurira abana b'Imana, mu gihe ca nyuma aho abana b'Imana bazoba bagaragajwe, igihe, "abana b'Imana banezerwa imbere y'uko n'amatanguriro y'isi ashirwaho." Igihe ya mpishuro ihambaye y'Ubumana n'ibindi bizotangirwa mu minsi y'iherezo, Izogaragaza ivyo bintu biciye mu bana b'Imana. Murazi ko Ivyanditswe vyigisha ivyo. Ehe none ng'ivyo. Nico gituma Imana Iriko Iratwugururira ibi bintu. Imana Iriko Ishikana abana baYo ku kugaragazwa. Iriko Ija kure y'aho ubumenyi bw'abantu buherera, mu mpishuro za mpwemu, kugira Ibizane. Mbega ntitwavyigishijwe muri iyi Bibiliya ngo: "Uwufise ubwenge"? Atari ivyo yize mw'iseminari; ariko ivyo yigiye ku mavi imbere y'Imana, n'ivyo Imana Yahimbawe no kumuha. Abana b'Imana, bagaragajwe!

150 Ng'iyi rero ya nzoka, ng'iki rero ico inzoka yari iri; ngomba ndababwire indondoro yanje y'uko yari imeze.

151 Dufise i...twavuye hasi, kuva ku gikere, gushika ku kinyamurobo, tugenda tumanuka, *n'ibindi n'ibindi*, gushitsa dushitse ku nkende, ku mamfu. Hanyuma kuva ku mamfu, tugaca dusimba tuva ku mamfu tukaja ku muntu, maze tukibaza igituma.

152 "None," ubumenyi buvuga buti: "rindira aho! Turashobora guhuza umugore n'inkede be n'imamfu, hanyuma nk'uko nyene, tugahuza umugabo n'imamfu." Ntibishoboka. Kumuhuza n'igikoko kindi; ntibikunda. Amaraso ntavangana; ufate amaraso yawe, ni amaraso atandukanye, rwose.

153 Hariho amaraso kanaka aho hagati, kandi ntibashobora gutora ico gikoko. Oo, Haleluya, ntanguye kwiyumva ndi uwa Mpwemu ubu. Mwihweze. Kuki? Imana Yarakibanyegeje. Nta gufa na rimwe ry'inzoka rimeze nk'igufa ry'umuntu. Ico kintu Yagishize kure cane kugira ngo ntigishobore kubonwa n'abantu b'incabwenge.

154 Ngomba ndabereke aho uwo muntu w'incabwenge yavuye, aho—aho ari, uko biri kose. Murabona, ntashobora kuzanana muri ivyo.

155 Bitegerezwa kuzanana mu guhishurirwa, "Uri Kristo, Umwana wa..." "Kuri urwo rutare nzorwubakako Ishengero ryaNje; kandi amarembo y'i kuzimu ntazorishobora," uguhishurirwa kwa mpwemu. Ni gute Abeli ya—yamenye ko vyasaba gutanga umwagazi w'intama, aho gutanga nka Kayini yariko ashikana ivyamwa vyo mu ndimiro? Yabihishuriwe mu buryo bwa Mpwemu. Ntubironka biciye mu maseminari. Ntubironka biciye mu madini. Ubironka bivuye mw'Ijuru.

156 Nimurabe rero ya nzoka, iyi nzoka ya mbere. Reka ducape igicapo cayo ubu. Ni umugabo munini. Ari hagati y'imamfu n'umuntu. Kandi, inzoka; wa murwanizi, Lusiferi, yari azi ko ariyo maraso yonyene yashobora kuvangana n'amaraso y'umuntu, ko ari we muntu wenyene yashobora gukoresha. Ntiyashobora gukoresha inkende, ayo maraso ntiyashobora kuvangana. Ntiyashobora gukoresha ibintu bitandukanye. Ntiyashobora gukoresha intama. Ntiyashobora gukoresha ifarasi. Nta gikoko na kimwe yashobora gukoresha; yategerezwa gukoresha iyi nzoka.

157 Reka tuyifate turabe uko isa. Ni umusore akomeye munini, ikigatanya ca kera cane. Aho niho bakuye ayo magufa manini manini, kandi ndabibereka muri Bibiliya. Itegereze neza ubu. Ni vyiza. Uyu musore akomeye munini, tuvuge ko ya—yapima nk'imetero zitatu, afise ibitugu binini; asa n'umuntu nyene. Amaraso yiwe, uko bikurikirana umanuka, arahura uva ku gikoko uja ku kindi; urashobora kuvanga ibikoko; bibandanya biduga ku maraso yo hejuru cane, ishusho y'ubuzima iri hejuru cane, ishusho iri hejuru cane, gushika aho bishika ku rugero rw'umuntu. Ariko agace ka nyuma gahuza hano, aha hagati, karakuweho. Ni bangahe bazi ko ubushakashatsi budashobora gutora agace kabura? Mwese ivyo murabizi. Kuki? Ng'iyi, inzoka. Ng'uyu aho yari, umusore akomeye munini.

Hanyuma umurwanizi aca aramanuka, avuga ati: "Ndashobora kumuhumekera."

158 Rero, iyo utanguye kuraba abagore n'inyifato y'abagore, wibuke, uba usizwe n'umurwanizi (kandi uwo si umugore wawe).

159 Mwihweze, rero, umurwanizi yaramanutse yinjira mu nzoka. Ica isanga Eva mw'itongo rya Edeni, ari gusa, ica itangura kumubwira ibijanye n'icamwa kiri hagati. Kiri *hagati* bisigura "hagati na hagati," n'ibindi; muratahura, turi mw'ikoraniro ririmwo abagabo n'abagore. Ica ivuga iti: "Rero, ni ciza. Kirabereye ijisho." Yaciye ikora iki? Yaciye itangura gusambanya Eva, ibana na we, nk'umugabo.

160 Eva abonye ko biryoshe, aca aragenda abwira umugabo wiwe, ariko yari yamaze gusama inda, ivuye kuri Satani.

161 Yaciye avyara umuhungu wiwe w'imfura, yitwa Kayini, umwana wa Satani.

"Rero," ni ko uvuga, "ivyo si vyo."

162 Ni vyiza, turaza kubona ko atari vyo canke ari vyo. "Kandi Nzoshira urwanko hagati y'Uruvyaro rwawe n'uruvyaro rw'inzoka." Iki? Uvyaro rw'inzoka! Umugore yari afise Uruvyaro, na yo yari ifise uruvyaro. "Kandi Ruzokumena umutwe, nawe uzoRukomeretsa igitsintsiri." *Kumena*, aho bisigura "gutanga Impongano." Ng'urwo rero rwa "ruvyaro" rw'inzoka.

Rero, nimwihweze, ehe ngaho haje abagabo babiri.

163 Rero, iyo nzoka, igihe yahagarara aho, ico kigatanya c'umusore gihagaze ng'aho, yagirwa no kuba yakoze ubusambanyi ku mugore wa Adamu. Icaha kiri he uno munsi? Ni igiki gituma ibintu bimera uko bimeze uyu munsi? Rero, nda—nda. . .Ata nkeka murashobora gutahura ico ndiko ndavuga. Vyari ivyo.

Igihe yakora ivyo, Imana Yavuze, yatanguye guhamagara Eva na Adamu.

Aca avuga ati: "Ndi gusa."

Ica Ivuga Iti: "Ni nde yakubwiye ko uri gusa?"

164 Baca batangura gukora nko mu gisirikare, umwe wese ata ikosa ku wuri munsi yiwe. Avuga ati: "Erega, wa mugore Wampa, ni we yabikoze. Ni we yanyoheje."

165 Umugore na we ati: "Inzoka ni yo yampaye ipome"? Neza, muvugabutumwa, garura akenge.

166 Yavuze ati: "Inzoka yampenze." Urazi *guhenda* ico bisigura? Bisigura "guhumanywa." I. . .ya. . .inz-. . .umurwanizi ntiyamuhaye icamwa namba. "Inzoka yampenze."

Maze umuvumo uca uraza.

167 Yaciye Ivuga Iti: "Kubera ko wumvirije inzoka aho kwumviriza umugabo wawe, ukuye Ubugingo mw'isi. Kandi uzo—uzorwiza imibabaro yawe; kandi uzokwama wipfuza umugabo wawe," n'ibindi.

168 "Kandi ko wumviye umugore wawe, aho kuNyumvira (Nagukuye mu mukungugu; ikiremwa kiruta ibindi), uzosubira mu mukungugu."

169 "Na we, nzoka, ko wakoze ivyo, amaguru arakuvuyeko. Uzogenda ukwega inda hasi, iminsi yawe yose yo kubaho. Kandi uzokwankwa. Uzorya umukungugu." Ng'ivyo. Ng'ako ka gace kabura.

170 Ng'uyo Kayini rero araje. Reka turabe kamere. Ng'uyu Kayini araje. Ameze gute? Ni umudandaza w'umunyaruyeri. Ararima. Inkerebutse, umunyabwenge; umusenzi, umusenzi rwose; rabe i—rabe ingeso ziwe. Tujane gusa akandi kanya gatoyi.

171 Ng'uyu araje. Arazi yuko afise imigenzo myiza. Ashaka kuja ku rusengero. Yiyubakira urusengero, ategura ikimazi. Azana igicaniro, n'ibindi. Yubaka igicaniro, agishirako amashurwe. Yashize indimiro. . .ivyamwa vyo mu ndimiro, yabishikaniye Imana. Avuga ati: "Ng'ibi, Mwami. Ndazi ko twariye amapome, ni co cabitumye." Bamwe mu bamukomotseko baracafise ivyiyumviro nk'ivyo nyene. Birerekana iyo bizanana. Yazanye amapome yiwe, yakuye mu ndimiro, ayashira ng'aho, avuga ati: "Ibi biragira mpongano."

Imana Yavuze Iti: "Ntivyari amapome."

172 Ariko, biciye ku mpishuro ya mpwemu, Abel yaramenye ko yari amaraso. Kubw'ivyo yaciye azana umwagazi w'intama, arawukerera izosi, urapfa.

173 Imana Ica Ivuga Iti: "Ivyo ni vyo. Ni ico cabitumye. Yari amaraso." Murazi amaraso ndiko mvuga ayo ari yo. Ni vyiza. "Yari amaraso yabikoze."

174 Nimwihweze rero. Hanyuma rero igihe Kayini yabona umwe mwenewabo w'umweranda yikumbagaza hasi yemewe imbere y'Imana, n'ibimenyetso n'utwumiza biriko biraba ng'aho, yaciye amugirira ishari. Avuga ati: "Duhagarike bino bintu ubu nyene." Ni mwitegereze benewabo, ni mwitegereze abana biwe, uno munsi. "Ariko, ndi inkerebutsi kumurusha," kubw'ivyo aca arashavura. Uko *gushavura* kwavuye hehe? Woshobora kuvuga ko iryo shavu . . .? Yarishe mwenewabo. Yari umwicanyi.

175 Woshobora kwita Imana umwicanyi? Kandi Adamu nawe yari umwana w'Imana. Bibiliya Ivuga, yuko: "Adamu yari umwana w'Imana," rya tanguriro ritavanze hariya. Adamu yari umwana w'Imana. Iryo shari n'ukwipfuza n'ibindi, ntivyashobora kuva muri iyo soko nziza.

176 Vyategerezwa kuzanana ahandi. [Agace katavuga kuri bande—Umw.] Vyazananye kuri Satani, we yari umwicanyi, kuva mu ntango. Bibiliya ivuga ko: "Yari umubeshi n'umwicanyi, kuva mu ntango." Ng'ivyo rero. Yaciye yica murumunawe.

177 Kandi ico cari igitutu c'urupfu rwa Kristo. Rero, inyuma y'aho, mubisanzwe, Yahagurukije Seti ngo afate ikibanza ciwe. Urupfu, uguhambwa, n'ukuzuka vya Kristo.

178 Nimwihweze rero, haciye haza vya bigatanya. Hanyuma Kayini aca aja mu gihugu c'i Nodi. Namba se yari ikigatanya c'umusore, Kayini yari guca aba iki? Yaba nka se. Yaciye aja muri ico gihugu c'i Nodi, aca agenda atwaye umwe muri bashikiwe.

179 Nta kundi yari kubigenza. Nta kundi abagore bari kuboneka, kiretse biciye kuri Eva. Bavuga ko bari bafise abahungu n'abakobwa mirongo irindwi. Namba—namba ata bagore bari bahari . . . Bibiliya ntivuga abagore iyo bavutse, ivuga abagabo gusa. Kandi igihe, namba ata bandi bagore bari bahari atari Eva gusa, igihe yapfa, abantu bari guca bareka kubaho. Yategerezwa kuba afise abakobwa. Nawe vyasaba ko arongora mushikiwe bwite.

180 Yagiye mu gihugu c'i Nodi aca yironkera—aca yironkera umugore. Igihe yamurongora bari hariya, ni hariya dusanga vya bigatanya, bakaba bari abana b'Imana baguye; bazananye kuri se, wa murwanizi, biciye kuri Kayini. Ng'ako ka gace kabura.

181 Kandi mwitegereze uruvyaro rw'inzoka. Ubu rero nimwitegereze. Mwibuke, urwo ruvyaro rw'inzoka rurasenga. Nimurwitegereze rutanguye gutera intambwe, mu kanya

gatoya. Ehe ng'urwo ruratanguye, rwa ruvyaro rw'inzoka. Ni igiki cabashikiye? Reka nsome ikintu kimwe hano, nacanditse uyu muhingamo.

182 Ni bande bazananye mu ruvyaro rwa Abeli? Ni mwumvirize bino. Neza cane. Haje Abeli. Inyuma ya Abeli haza Seti. Inyuma ya Seti haza Nowa. Inyuma ya Nowa haza Shemu. Inyuma ya Shemu haza Aburahamu. Inyuma ya Aburahamu haza Isaka. Inyuma ya Isaka haza Yakobo. Inyuma ya Yakobo haza Yuda. Inyuma ya Yuda haza Dawidi. Inyuma ya Dawidi haza Kristo, gushika ku gutungana.

183 Nimurabe inyuma ukuntu Mpwemu w'Imana Yabaye muri Abeli. Nimurabe ingene Yabaye muri Seti. Nimurabe ingene Yabaye muri Yuda. Nimurabe ingene Yabaye muri Dawidi. Nimurabe uwo Mpwemu nyene Ahamagara, Aciye mu ruvyaro rw'uwo mugororotsi, kubandanya. Ntaco bivuze ico bakoze ico ari co cose, bari baratoranijwe.

184 Nimurabe Yakobo, uwanduye. . . Simvuze ibi nko kuvuga nabi. Ariko Yakobo, umunyamanyanga, yaguma agendera inyuma ya nyina umwanya wose; agahungu kameze nk'abakobwa, kaguma kiruka irya n'ino. Bamwambitse ibintu, aja guhenda se, kugira ngo aronke umuhezagiro; ariko yari yarawuhawe amatanguriro y'isi atarashirwaho. Ata nkeka, niko vyari.

185 Yaragiye aja kubesha sebukwe; yafashe inkoni ziteye amagarwe, inkoni z'imyeloni, azishira mu mazi, kugira ngo atera ubwoba ivyo bitungwa igihe vyaba bifise amezi; kugira ngo bivyare izifise amabara, kugira ngo ashobore kwiba aronke imikuku. Imana Yarabimuhezagiriyemwo. Uko ni ukuri.

186 Aragowe uwuvuga ikintu na kimwe kuri Yakobo. Murazi ico—murazi ico wa muvugisha w'ikinyoma yavuze. . . Nako, yariko aravugishwa ivy'ukuri. Balamu, yavuze ati: "Uwuzomuhezagira azohezagirwa, uwuzomuvuma azovumwa."

187 "Naragutoye, Yakobo. Namusanze ameze nk'i. . . nk'igihugu cihariye. Kandi nk'uko inkona ikangura ivyana vyayo mu cari, naramukanguye ndamusohora." Haleluya! " Si kubw'inkomezi, si kubw'ubushobozi, ariko ni kubwa Mpwemu WanJe, niko Uhoraho Avuze."

188 Nimurabe uko vyakurikiranye gushika kuri uko gutungana. Uyo Mpwemu Yakoze gushika ku gutungana muri Kristo, Yaramanutse muri ba Sogokuru bose, gushika bishitse aho. Nta co bitwaye ico bakoze, ico bavuze, ico bakoze, bari mu buryo ntabanduka uruvyaro rwa wa mugororotsi.

189 Kandi, hano, igihe umugorotsi Aburahamu. . . Ubwiza! Oo, niyumva neza koko. Igihe umugorortsi Aburahamu yahura na Melekisedeki, Akaba Yari Imana ubwaYo!

190 Melekisedeki Yari Nde? "Umwami w'i Salemu, akaba Umwami w'i Yerusalemu, Umwami w'Amahoro. Nta se. Nta nyina. Nta tanguriro ry'iminsi, canke iherezo ry'ubugingo." Uwo Ari We Wese, Aracari muzima. "Ntiyigeze avuka. Ntazigera apfa. Nta se canke nyina Yigeze. Ntiyigeze agira itanguririro ry'iminsi, canke iherezo ry'ubugingo." Mbarira rero Uwo Yari We. Imana Ihoraho; mu co twita u. . .

191 Oo, ndibagiye uko muvyita ubu. Umubiri wa kimana, ni co uri. Ni nko mu. . .Atari igititо; ariko ni ikintu cagaragajwe. Nk'uko Yaje kwa Aburahamu muri rya hema hariya, nk'umumarayika, Akavugishwa, Akabwira Sara ko yatwenze, Ari inyuma yiWe, n'ibindi. Ca kintu, ca kintu nyene.

192 None ng'uWo Yari ng'aho. Yahuye na Melekisedeki. Kandi so-. . .sokuruza Aburahamu, mu ruvyaro rwa wa mugororotsi, yaratanze ikigiracumi agiha Melekisedeki; biraheza biharurwa ku mwuzukuruza wiwe ng'aha, uruvyaro rwa wa mugororotsi.

193 Ehe none ng'urwo rwa ruvyaro rw'i—rw'inzoka. Ubu rero, mwibuke, ko hazoba urwanko, intambara hagati yabo.

194 Uruvyaro rw'inzoka ruraza, none ruvamwo iki? Reka dufate imyaka mikeyi ya mbere. Ni murabe ibiba hano. Turaza kubisoma ubwo nyene, kuko mpejeje kubisuzuma. Uruvyaro rw'inzoka rwavuyemo Kayini. Kayini aca aja mu gihugu c'i Nodi, avyara ibigatanya, hanyuma baca baza mu gihugu ca Nowa.

195 Bari abantu b'inkerebutsi, bize, bafise ubwenge. Si vyo? Bari abubatsi, abazana ibintu bishasha, abashakashatsi; ntivyazananye mu ruvyaro rwa wa mugorororotsi, ariko vyazananye mu ruvyaro rwa Satani, inzoka. Bari abantu nk'a—nk'abashakashatsi, n'abubatsi, n'abantu bahambaye, abigisha. Ivyanditswe niko bivuga. Baracura imiringa. Baracura ivyuma. Barakora ivyuma. Baravumbuye ibintu. Baravanga ivyuma bitandukanye, bakubaka amazu, n'ibindi. Ni ko Ivyanditswe bivuga. Barashinyaguriza uruvyaro rw'umugore, Nowa, umugorororotsi. Si vyo?

196 Reka tubakurikirane dushike kure gato. Hanyuma, turababona gushika ku bwato, aho vyose vyahonejwe. Vyari vyabaye ikirundo c'ivyaha, baca bafata ubutegetsi, inkerebutsi n'abanyabwenge cane. Gushitsa aho, igihe Imana Yitegereza iri hejuru, ata benshi bari basigaye, Ica Ifata gusa Nowa n'umuryango wiwe Ibinjiza mu bwato, Iraheza igwisha imvura maze ihonya ivyo bintu vyose. Yabanje kuzamura Enoki, ubwa mbere. Si vyo? Hariho uruvyaro rwose, hafi uruvyaro rwose; ariko hariho intumbero yaYo yategerezwa gushitswa.

197 Rero, Nowa n'abahungu biwe, abasohotse, Hamu, Shemu na Yafeti, bazananye mu murongo wa wa mugorororotsi.

198 Ni gute urwo ruvyaro rwageze kuri ruriya rundi ruhande? Urwo ruvyaro rwaciye mu bwato, nk'uko rwabigenjenje mu ntango, biciye ku mugore, abagore babo. Bajanye uruvyaro rwa

Satani, barucisha mu bwato, nk'uko Eva yatwaye uruvyaro rwa Satani, kugira ngo avyare Kayini, biciye mu mugore.

199 Murashira abagore imbere nk'abavugabutumwa, kandi Bibiliya Ibicirako iteka! Paulo yavuze ati: "Nihagira umuntu yiyumvira ko ari uwuvugishwa n'Imana, canke ko ari uw'impwemu, amenye ivyo ndabandikiye yuko ari icagegezwe c'Umwami; ariko namba hari umuntu atabimenye, ntakabimeneye".

200 Ico ni co catumye nsohoka mw'ishengero ry'Ababatista hariya. Mwene Data Fleeman yari hano mu kanya gaheze; nibaza ko ari ho yari uwo mugoroba. Dogiteri Davis yavuze ati: "Urahaguruka uze hano uhezagire abo bagore baje kuba abavugabutumwa."

Nca mvuga nti: "Ntavyo nkora. Oya, namba."

Avuga ati, " Emwe, nca ndaguterera hanze."

201 Mvuga nti: " Ndamaze gutererwa hanze y'ibibanza vyiza kuruta aha." Nongera mvuga nti, "Iri ni Ijambo ry'Imana, kandi Riracirako iteka ico kintu. Kandi sinshobora gushigikira ivyo Imana Icirako iteka." Oya, mushingantahe.

202 Ababikora bose, baba berekanye ko ari abigisha b'ibinyoma, abavugishwa b'ibinyoma. Bibiliya Ivuga ko ariko bobaye bari. "Ko bozimije n'abatoranijwe iyaba vyoshobotse." Ng'ivyo.

203 Ubu rero nimwihweze ibi. Uhereye aho, rero, hazananye Hamu, Hamu n'umugore wiwe, n'abandi. Yari afise umuvumo kuri we. Kuri Hamu havuye Nimurodi, ari we yubatse Babuloni. Muri Babuloni havuyemwo ishengero Gatorika, intango yaryo. Vyarabandanije biciye kuri Ahabu. Vyarabandanije kuva kuri Ahabu, ukaja muri Yuda Isikariyoti; vyavuyemwo antikristo.

204 Muri iyi minsi ya nyuma, hari impwemu ya antikristo n'Impwemu ya Kristo. Mpwemu wa antikristo avuga ngo: "Iminsi y'ibitangaza yararenganye." Mpwemu wa Kristo, Avuga ati: "Uko Yari Ari ejo, n'uwu munsi ni ko Ari, kandi ni ko Azokwama ibihe bidashira." Mpwemu wa antikristo avuga ati: "Nta tandukaniro rihari wabatijwe muri 'Data, Umwana, Mpwemu Yera,' bagusutseko amazi canke bakumijagiyeko amazi, ivyo ari vyo vyose, bisigura co kimwe." Bibiliya Ivuga ko Imana Itananirwa, kandi Idashobora guhinduka. Uzokorera nde? Ni ahawe.

205 Rero uravuga uti: "Mbega zirashobora kuba hamwe? Wavuze, Mwene Data Branham, ko hariya mu bwato, hariyo Hamu na Seti bompi." Ivyo ni vyo, neza na neza. Hamu yari mubi. Seti yari umusenzi akaba n'umugororotsi. Ni vyo.

206 Reka dukurikire Hamu. Ni vyo, ubu rero, hariho Hamu na Seti mu bwato bumwe; umwe ni umugororotsi, uwundi nawe ni uwugabitanya. Harimwo igikona n'inuma mu bwato bumwe.

Hariho Yuda na Yesu mw'ishengero rimwe. Hariho antikristo na Mpwemu Yera mw'ishengero rimwe.

207 N'uno munsi, izo mpwemu nyene ziri mu gikorwa. "Bafise ishusho yo kwubaha Imana, abasenzi cane, ariko bafise ishusho yo kwubaha Imana bagahakana Ubushobozi bwakwo; abameze batyo wame ubatera ibitugu." Mpwemu Yera, Avuga ko, "Yesu Kristo uko Yari ari ejo, n'uwu munsi ariko Ari, kandi ni ko Azokwama ibihe bidashira." Uhitamwo uruhande uruhe?

208 Antikristo avuga ko *Iki* ari igitabu ca za nemera. "Tuzosubiramwo Inama y'Abatumwa." Ndahinyuje umuvugabutumwa uwo ari we wese yombwira aho Inama y'Abatumwa iri muri Bibiliya: "Nemera Imana, Data Mushoboravyose, Umuremyi w'ijuru n'isi; Yesu Kristo, Umwana waYo. Nemera Ishengero Gatorika ry'i Roma ryeranda, isangira ry'aberanda." Ivyo mubisanga he muri Bibiliya? Yamara murabisubiramwo mu mashengero manini yanyu y'Abametodiste n'Ababatista. Ni inyigisho y'umurwanizi, kandi abavugishwa b'ibinyoma ni bo bayigisha.

209 Nizera ko ntariko ndababababaza, ariko ndiko ndavyumvisha rino hema. Mwebwe abo mw'Ihema rya Branham, mwirinde ibintu bimeze bityo. Ico cose cizera ivy'isangira ry'aberanda ni ugusenga imizimu. "Hari Umuhuza umwe hagati y'Imana n'abantu, uwo nawe ni Umuntu Yesu Kristo." Nta co bivuze uko ba Mariya bahari bangana!

210 Murabona ingene rwa ruvyaro rw'umugore rwakoze hariya? Murabona uko rwa ruvyaro rw'umugore rwashikanywe hariya?

211 Rabe uyu munsi, muri Amerika. Amerika ni uruvyaro rw'umurwanizi. Ni ibiki? Ni igihugu c'umugore. Mwavyumvise, "Iyi ni isi y'umugore." Ivyo ni vyo. Ni igihugu c'umugore. Ni bo batanga akarorero.

212 Naragiye hariya mu Buswisi, nta gihe giheze. Abagore bavuga . . . Umugore umwe muto, afise Mpwemu Yera yavuze ati: "Urazi, hamwe noja muri Amerika, bavuga ko hariya abagore bafise umwidegemvyo."

213 Nca mvuga nti: "Reka ndakubwire iyo biganisha." Nca ntangura kumubwira.

Aca avuga ati, "Oo, imbabazi, ivyo ntavyo nshaka."

Mvuga nti : "Aho ni ho biganisha."

Murazi, hariya ntibakora ibintu nk'uko babikora hano.

214 Ni iki? Reka ndabereke ko Amerika ari umugore. Ku mahera yacu hari ishusho y'umugore. Vyose hano ni umugore.

215 Mumbarire, nta bunywero bukwiye ubuteranije mu gihugu, bwoba bufise . . . Ushize hamwe ubunywero mirongo ine muri iki gisagara, ugaca ushira hamwe abamaraya batatu, abagore basa neza bagenda barikumagura mw'ibarabara; bazorungika

imishaha myinshi i kuzimu, ababaraba bakabipfuza, kurusha ubunywero bwose muri iki gisagara ubushize hamwe. Uko ni ukuri kuzuye.

216 Ni nde none? Ni umugore. Ni iki? Ni we mana ya Amerika.

217 Mufate bamwe muri abo bakinyi b'amareresi; baraja aho bakarongorwa incuro zine canke zitanu, babana n'abagabo batatu canke bane batandukanye mu mwanya umwe; hanyuma bimwe muri ivyo binyamakuru bikabashirako bibandikako, bishirako amafoto yabo bari gusa. Namwe abakobwa bakiri bato mukababafata nk'akarorero, (kuki?) kubera mama wanyu yabatanguriye, kumbure, nyokuru yabatanguriye. Murabona aho rwa ruvyaro rw'inzoka rukorera? Ata nkeka, ni ivyo.

218 None rwakoze iki? Namba ukugabitanya guhanwa gushika ku runganwe rugira cumi na kane, mu vyagezwe, none ukugabitanya kuzohanwa gushika ryari muri iki gihe, aho uruvyaro rwa wa mugororotsi rugomba kurangira? Imana na Yo Yavuze ko hazobaho igihe aho, iyo Itagabanya igikorwa, ata n'umwe yorokotse. Turi mu gihe c'iherezo. Ni muhige abagororotsi uyu mugoroba; nimunyurangane mu bisagara!

219 Oo, murabona abanywanyi b'ishengero b'abizigirwa ku Babatista n'Abaperesibiteriyano, n'abandi uko bishoboka. Ariko ntaco bazinanyiko n'Imana kiruta ico urukwavu rwoba ruzi ku vyo kwambara ibirato vyo muri shelegi. Nta na kimwe baBiziko! Ico bazi gusa ni: "Uri Umukristo?"

"Ndi Umugatolika."

"Uri Umukristo?"

"Ndi Umubatista."

"Uri Umukristo?"

"Ndi Umuperesibiteriyano."

"Uri Umukristo?"

"Ndi Umupentekoti." Ivyo ntaco bisana na Vyo.

220 Uri Umukristo kubera ko Imana, mu buntu bwaYo, Yagukijije. Kandi hari ico ubiziKo. Kandi hari icahindutse mu buzima bwawe, ku buryo ubayeho mu buryo butandukanye. Uri umuntu mushasha n'icaremwe gishasha muri Kristo Yesu. Ata nkeka.

221 Ariko murabona aho uruvyaro rw'inzoka ruri? Uru ruvyaro rw'inzoka rwari iki? Ubusambanyi. Muriko murakurikira? Ubusambanyi na Eva. Vyavuyemwo iki? Ni igiki cavyaye ivyo? Bimeze gute uyu mugoroba?

222 Subize amaso inyuma, imyaka mikeyi iheze, igihe indirimbo ya mbere yasohoka. Mwebwe bantu ba kera, igihe i. . . Bahora basuzuma indirimbo imbere y'uko bazireka ngo zice kw'iradiyo. Kandi iya mbere yasohotse, yari: "Izungurutse bakobwa, izungurutse, mwerekane amavi yanyu meza," n'izindi nk'izo. "So

na nyoko ni mubatwenge muti 'ha-ha-ha!'" Iyo ni yo batanguye gucishamwo. Mwibaza ko umuhungu yanditse iyo ndirimbo uyu mugoroba ari hehe? Yarapfuye.

223 Mwiyumvira iki kuri Clara Bow, yaje ubwa mbere akaririmba ngo: *Amaribori Ateye ubwoba*, na kwa kwikura impuzu vyarungitse ibihumbi vy'imishaha i kuzimu? Mwibaza ko ari he uyu mugoroba? Yarapfuye haheze igihe kinini. Ari hehe, na wa mubiri wiwe? Aryamye hariya, yaramunzwe mw'ivu, n'imisiba n'inyo vyaramuriye. Umushaha wiwe nawo urambitse imbere y'Imana Igororotse.

224 Ari he wa mugabo yafashe urya mugore akamushonera za mpuzu ziteye isoni kuraba bambara, ziberekana mu buryo ubu canke ubundi, kandi zitabakwira? Navuze nti: "None babikorera iki? Kubera iki bambara ibintu nk'ivyo?" Kubera mushaka ko abagabo babaraba, kandi nta bundi buryo bwo kuvyerekana.

225 Mbega murazi ko iyo mubikoze, hanyuma umunyavyaha kanaka akabitegereza, murazi ikiba cabaye? Ku Rubanza... Uravuga uti: "Mwene Data Branham, ndi umwizigirwa ku mugabo wanje uko nshoboye." Uzokwagirwa no gusambana. Yesu yavuze ati: "Uwuraba umugore akamwipfuza aba yamaze gusambana na we mu mutima wiwe." Igihe uwo mugabo azoba yagirizwa ko yakoze ubusambanyi, ni nde azoba yarabiteye? Uburyo wewe wambaye n'ingene wiyerekanye.

226 Rero, sinshaka kuvuga ko mutegerezwa kwambara nk'ikindi kintu kivuye mw'isi yataye igihe cane. Ariko, murashobora gusa n'abapfasoni kurusha.

227 Gusohoka ugakura impuzu, n'utubutura tugufi, wazingiyeko akagozi *gutya*, umwana wawe nawe n'amaso umengo n'ico batamwo umunyota w'itabi, n'umusogoto w'itabi mu kanwa, ugenda mw'ibarabara. Ivyo ntimubikora kubwo intumbero nziza. Urashobora kuba utokwagirizwa ko wabikoze, ariko umurwanizi ariko aragukoresha nk'igikoresho nk'uko yagize Eva.

228 Kuki ari igihugu c'abagore? Kuko gitera cerekeza ku kuganzwa n'ivya Gatorika. Bimeze gute uyu munsi? Ntiwigera wumva bavuga Yesu. "Mwaramutse Mariya! Mariya, nyina w'Imana! Umweranda Sisiriya!" Aberanda b'uburyo bwose, aberanda bapfuye. Nta gihe kinini giheze, hariya...

229 Nari hariya muri Mexico, mu mwaka uheze. Haza umugore umwe w'umugogwa, yikwega. Amavi yiwe yaramyotse mu kwikwega, n'urukoba; aboroga, afashe amaboko yiwe. Se nawe ariko agendagenda aho, areze abana babiri, bariko bararira; nyina ariko arababara cane; kuko umugore umwe, bita umweranda, yapfuye. Bari bafise igishushanyo ciwe hejuru ku musozi. Umukunzi wiwe umwe yari yaramwishe. Amaze kwicwa gutyo, mu bisanzwe, ni umweranda; yari Umugatorika.

Rero yariko aragenda, agiye kwihana; yategerezwa kwikwega ibirometero nka bitatu, ku mabuye, ngo yihane.

230 Bene Data, namba hari ikintu mfise nokora, Yesu Kristo Yoba Yapfiriye ubusa. Ku bw'ubuntu, niho nakijijwe; atari ku—ku bwanje, ariko kubwo ukugomba kw'Imana, kubwo ukugira neza kw'Imana.

231 Abanyamakuru barambajije bati: "Mushingantahe Branham . . . " Wa—wa mwana muto yari yapfuye agasubira kuba muzima, n'ibindi bintu bikeya ng'aho. Abagatorika ibihumbi mirongo itatu . . . Oya, mumbabarire. Vyari ibihumbi mirongo ibiri. Ibihumbi mirongo itatu hari muri Afrika. Abagatorika ibihumbi mirongo ibiri barakiriye Kristo nk'Umukiza wabo, mu mwanya umwe, igihe ivyo vyaba, nari i Mexico City. Kandi aho bapatiri, ntaco bari bashoboye kuvuga; hari abantu benshi cane, vyari gushobora guteza umugumuko. Hariho benshi cane ku ruhande. Rero aca avuga ati: "Mushingantahe Branham, urizera ko aberanda bacu boshobora gukora nk'ivyo nyene ukora?"

232 Kuko nzi inyigisho zabo, naciye mvuga nti: "Ata nkeka, mu gihe ari bazima." Murabona? Rero, ntushobora kuba umweranda w'Umugatorika utarapfa, murabizi.

Yaciye rero avuga ati: "Oo, ntushobora kuba umweranada utarapfa."

233 Nca mvuga nti, "Ivyo wabisomye hehe? Paulo yavuze ati: 'Ku bera bari muri Efeso,' n'abahamagawe n'Imana. 'Ku bera bari muri Efeso,' yariko asoma icete ciwe; n'abera bari mu bindi bibanza, i Galatiya, na—n' 'abera bari i Roma,' n'ahandi. *Abera*, 'ni abejejwe.' Ivyo mubivugako iki?"

234 Yaciye avuga ati: "Mu vy'ukuri, rero aho, ntitwategerezwa guharira kuri Bibiliya. Kuko, turi ishengero, kandi ni ivyo ishengero rivuga. Ivyo Bibiliya ivuga ntaco bitubwiye. Ni ivyo ishengero rivuga." Aca avuga ati: "Iciyumviro cawe none ni ikihe kw'ishengero Gatorika?"

235 Nca mvuga nti: "Nari nipfuza ko utombaza ivyo. Ariko ko umbajije, ndakubwira Ukuri."

Ati: "Ego, nshaka ko umbwira Ukuri."

Nca mvuga nti: " Ni bwo buryo bwo gusenga imizimu buri hejuru nzi."

Nawe ati: "Ugeze kuri ivyo gute?"

236 Nti: "Uwambaza wese abapfuye aba asenga imizimu." Nti: "Namba uwo mweranda abishura, ni ukuvuga ko ari i kuzimu. Kuko, abamaze kujabuka, Bi—Bibiliya yanje ivuga ko adashobora kugaruka." Ni vyo. Nca mvuga nti: "Namba ari uko, namba we yari umweranda, uwo aba ari umurwanizi aba ariko aravuga nk'umweranda, ntaba ari uwo mweranda, uko biri kwose."

237 Aca avuga ati: "Hewe, rindira gato." Ati: "Na wewe, urambaza abapfuye."

Nti, "Hehe?"

Aca avuga ati: "Yesu Kristo Yarapfuye."

238 Nca Mvuga nti, "Ariko Yarongeye Arazuka, Ntiyapfuye, ariko ni Muzima kugira ngo Atuvugire, kandi ni we Muhuza wenyene hagati y'Imana n'abantu."

239 "Ndi Umwe Yari Yarapfuye, ariko ubu Ndi muzima, Mpora Ndi muzima ibihe bitazoshira. Mfise impfunguruzo z'urupfu n'izo i kuzimu." "Uwugomba wese, naze anywe amazi y'Ubugingo ku buntu." Bagenzi! Iyo ni Yo Mana Yacu. Iyo ni Yo Mana Yacu.

240 Uruvyaro rw'umugororotsi ruri hafi kuzimangana. Bwira abantu ibi bintu. Bwira abantu ivyo kugaruka kuri Bibiliya. Bwira abantu ivy'ibitangaza. Bwira abantu ivyo. "Amashengero yabo ntavyizera," kubw'ivyo ni abana b'ibivyarwa, imbere y'Imana. Bibiliya Ivuga ko namba tudashobora kwihanganira uguhamwa, n'ibigereragezo, n'ugushinyagurirwa, no kwitwa "aberanda bikumbagaza" n'ibindi nk'ivyo, namba mudashoboye kuvyihanganira, muri ibivyarwa, ntimuri abana b'Imana. Bibiliya ni ko Ivuga.

241 Nimunyite "umweranda yikumbagaza," namba mushaka. Nyite ivyo mushaka vyose. Igihe cose umutima wanje utunganiye Imana, kandi n'ivyo ncishwamwo bihuye na Bibiliya y'Imana, ndabandanya neza muri iyi nzira nyene. Ego, mushingantahe. Ivyo ni vyo twizera. Iryo ni ryo Shengero ry'Imana Nzima, ritaje biciye kuri teworojiya. Ritazanywe n'ivyiyumviro bivuye mu bwenge bw'abantu. Ryaje biciye ku mpishuro y'Ukuri kutagabanijwe ko Yesu Kristo Ari Umwana w'Imana.

242 Iyo nza kuba mfise gusa ivyiyumviro vy'ubwenge, kubera ishengero ry'Ababatista canke ry'Abametodiste ryanyigishijeko ko ibi ari *ibi n'ibi* bintu, iyo numvise iyi Bibiliya, namba Bibiliya. . . Iyo mba narabatijwe mw'izina rya "Data, Umwana, na Mpwemu Yera," hanyuma ngasoma iyi Bibiliya, umuvugabutumwa akaba yambwiye ko ata n'umwe muri Bibiliya yigeze abatizwa ukundi atari mw'Izina rya Yesu Kristo, nkabisoma nkabona ko ari Ukuri, noca niruka mu mazi nyaruka uko nshoboye. Ego, mushingantahe.

243 Iyo haba umuntu ambwira ko—ko Yesu Ari umukiza ahambaye, ishengero ryanje naryo rikambwira ko, "Iminsi y'ibitangaza yarenganye," kandi nari nkeneye gukira indwara, noca niruka uko nshoboye, ku gicaniro, kugira ngo nkire. Niko nokora ata nkeka.

244 Iyaba nari umuvugabutumwa, nkaba mfise u—umugore w'umuvugabutumwa kuri arutari, ngasoma muri iyi Bibiliya

nkabona ko umugore atategerezwa kuvuga ubutumwa, noca ndamukura aho, naho vyonsaba ko ndahasiga agatwe.

245 Mwibuke, igihe kimwe ku mugoroba, yicaye hariya inyuma aho Mushiki wacu Wright yicaye, wa mugore yari agiye kunterera hanze kubera nakoze ikintu nk'ico. Ego, mushingantahe. Navuze nti: "Ntimuza mw'ishengero ryanje muzanye ivyanyu vya kera . . . " Igihe bahora bambara, canke bahimbura amakanzu yabo gutya, n'ivyo bintu biyobeye, bagenda banikiye hafi igice c'umubiri wabo. Navuze nti: "Bishitse bakaza mw'ishengero ryanje, ata nkeka nzobasohora." Kandi umwigeme umwe wa kera ng'aha hafi, yarapfuye nta gihe kinini giheze inyuma y'ivyo; yaciye ampamagaza ari ku mpfiro. Yari umukobwa w'Umugatorika, yagiye ng'aho aricara n'ivyo bintu gutyo. Narahindukiye ndamwihweza, mu gihe nari nicaye ng'aho, kandi bariko barariririmba. Nca ndakura ikoti, ngenda inyuma, nca ndayishira ku bitugu vyiwe. Ndavuga nti: "Mupfaso, namba uja kunyumviriza ndiko ndavuga ubutumwa, woshobora kwambara iyi koti mu gihe uzoba uri mu rusengero rw'Imana." Murabona? Ata nkeka.

246 Yaciye akubita ukuguru hasi, aca arasongora iminwa. Aca arasohoka muri iyo nyubakwa. Aca avuga ati: "Namba ari ugusenga afise, sinoreka n'inka yanje ngo ije mu vy'ugusenga nka birya."

Naciye mvuga nti: "Ntugire ikibazo, ntavyo izoronka."

247 Hanyuma twarubatse ihema, barampamagara igihe yariko aracikana. Yafashwe n'umutima, kandi yariko aracikana. Umugabo wiwe araza. Ati, "Woshobora, kuza wihuta!" Nanje nari mu gikorane kigeze hagati. Yari umuhungu munini, muremure, ahagaze ku muryango, andindiriye. Nca ndanyaruka uko . . .

248 Narinjiye mu modoka yanje nca ndanyarukirayo. Ndiko ndaduga, nahuye n'umuforoma wa kera hariya, aracaba hariya i Howard Park n'ubu. Avuga ati: "Revera, ntibikenewe ko muza." Ivyo haraheze imyaka nka mirongo ibiri, kumbure irenga gato. Avuga ati, "Yapfuye." Ati "Haraheze nk'iminota itatu apfuye." Ati: " Yesemereye cane uko ashoboye, akurondera." Avuga ati: "Ndagufitiye ubutumwa."

Nti: "Ibiki?"

249 Ati yavuze ati: "Umbwirire urya muvugabutumwa, yuko ivyo navuze, 'Ndagusavye umbabarire.'"

250 Naciye ngenda kumuraba. Umugore mwiza; kandi yari yacumukuye cane rwose. Yari yagize utudomagu dutukura ku mazuru; umugore mwiza. Utwo tudomagu twasa n'udusohoka. Amaso yiwe yari yaturumbutse ahakwa kuvayo, yahindukiye kugeza hagati. Mu vy'ukuri, amara n'amafyigo vyari vyakoze, kandi umunuko wariko uva ku gitanda cose, gutyo.

251 Umugabo wiwe yaciye andaba, avuga ati: "Mwene Data Branham, gira isengesho, kuko yashaka kukubona."

Ndavuga nti: "Isengesho nomugirira ubu ntaco ryomumarira."

252 "Iyo igiti gihengamiye, niyo kigwira." Murabona? "Ntimuhendwe; Imana ntishinyagurizwa. Ico umuntu abivye, ni co yimbura."

253 Murabona aho bigeze? None habaye iki? Nimurabe umugore yokora ivyo. Nimurabe umugore yabayeho mu gihe giheze, umukobwa w'umutamvyi wo mu bunywero, none umukobwa wiwe nawe yari iki? Icigenze. Umukobwa w'icigenze ni iki? Umuyabaga atamba rock-and-roll. None umukobwa wiwe azoca aba iki? Hum! Ni ibiki?

Murabona uruvyaro rwa wa mugororotsi?

254 Nimwirabe mwebwe Babatista. Nimusubize amaso inyuma kera. Musubire inyuma kuri John Smith, uwabatanguje, mwebwe Babatista. Igihe, we yasenga kubwo ibigabitanyo vy'abantu, gushika aho, arira asengera abantu gushika aho amaso yiwe avyimba agahuma, umugore wiwe akaba ariwe yategerezwa kuja kumugaburira ku meza, indya zo mu gatondo.

255 Namwe Bametodiste muri hafi hano, mufise utubuyenge ku mazuru no ku matwi yanyu hose, musa n'ivyo gutegesha abantu vy'umurwanizi; mugasohoka, mwambaye amabutura, n'ibintu nk'ivyo! Igihe, umutama John Smith, umwe muri ba batama b'ishengero rya Metodiste, imbere yuko apfa ku myaka mirongo umunanai n'itanu, yigishije ubutumwa bugufi imyaka ine, nako, amasaha ane. Vyasabwa ko bamuterura bakamushira aho yavugira ubutumwa. Kandi ng'aya amajambo yiwe ya nyuma. Yavuze ati: "Ndababazwa cane n'ibikorwa vy'ishengero Metodiste." Ati: "N'abakobwa b'ishengero rya Metodiste basigaye bambara impeta z'izahabu ku ntoke zabo." None ubu naho yovuga iki, mu gihe bambara amabutura, mu gihe baririmba muri korare?

256 Mwagenda neza. Habaye iki? Muriko mukora nka nyoko wanyu. Ni ivyo neza na neza.

257 Ni co gituma tudashaka idini na rimwe muri aya yihambira kuri ibi, yanditsweko amazina ngo: "Turi Abametodiste. Turi Ababatista." Twe turi aba Kristo gusa. Nimubireke uko, mube abidegemvya.

258 Ubu, murabona uruvyaro rw'inzoka? Umugore nk'uyo vyomusaba ikiguzi kingana iki ubu? Ivyo vyokora iki? Iki? Barabandanije, baza bakurikirana. Basubije inyuma Abababtista, basubiza inyuma Abametodiste, basubiza inyuma Abaperesibiteriyano. Bakoze iki? Bose basubiye inyuma, nka nyina wabo, umwe maraya wa kera. Ng'abo bose, bariko bagira bwa busambanyi nyene. "Emwe, ntaco bihindura. Baribijwe

mu mazi. Bamijagiweko amazi. Bo, baraje, baratura. Bafashe amezi atandatu yo kwipfunga; ntibanywa inzoga cane muri ico gihe, n'ibindi. Babaye abanywanyi beza. Bariha neza. . . " Oo bagenzi! Ivyo nta co bisa bisana n'ivyamwa vya Mpwemu.

259 Ivyamwa vya Mpwemu ni "ukwizera," ukwizera ko uko Yesu Kristo Yari Ari ejo, ariko Ari n'uno munsi, kandi ariko Azokwama ibihe bidashira; "urukundo" rwa bene data; "umunezero, amahoro, ukwihangana, ukugira neza, uburwaneza, ukwihangana, ukwicisha bugufi, ukwirinda." Ng'ivyo ibintu, ivyamwa vya Mpwemu.

260 Hanyuma tugafata umuntu, "Emwe, a—abayeho ubuzima bwiza mu kibano." Na Esawu niko vyari.

261 Esawu ntawe yigeze agirira nabi, kandi Esawu yari uwa wa murwanizi; ariko Yakobo, bavuye mu nda imwe, yari uw'Imana. Uruvyaro rw'umurwanizi; Uruvyaro rw'umugore, niho Uruvyaro rw'Imana rwaciye.

262 Ubu rero, nimurabe, vyose vyashitse kuri ivyo, none hasigaye iki muri ino si uno munsi? Ngire mvuge ibi nkaze, ndabishimangire, hanyuma tuzoca dutangura umuvyuro inyuma y'ibi, mu gikorane kizokurikira. Bigeze kw'ishusho kanaka. Kandi, muntunge cane, ibi sindabivuze nk'isakiriregо. Sindabivuze ngo mbe umubisha. Bigeze ahantu, aho ari umugwi munini, w'abanyedini b'abana b'ishushu, b'ibivyarwa. Ayo ni yo majambo yanje ya nyuma. Kuri ivyo niho neza na neza vyashitse. Murazi ko uko ari ukuri. Vyashitse aho ari ukwiyunga n'ishengero no kuba abanywanyi b'ishengero, "Bafise ishusho yo kwubaha Imana, bagahakana Ubushobozi bwakwo," gushika aho bahinduka umugwi w'abanyedini, abana b'ibivyarwa. Uko niko biri neza na neza.

263 None igisigaye ni igiki? Hariho igisasu cenena hariya hakurya, vyinshi muri vyo, amabombe akozwe muri kobariti n'ibindi vyose. Birindiriye gusa ko ico gihe gishika. Hazoca haba uguhonywa n'umuriro, nk'uko kwabaye bikozwe n'amazi.

264 Kandi, bagenzi, ivyo mwokora vyose, namba muri Abakristo mukaba mufise Imana mu mitima yanyu, muzi ko mwavuye mu rupfu muja mu Bugingo, mwategerezwa kuba abantu banezerewe kurusha abandi bose mw'isi.

265 Igihe Mpwemu Yera muri mwebwe . . . Mu gihe Bibiliya Ivuga Iti: "Yesu Kristo uko Yari Ari ejo, n'uwu munsi ni ko Ari, kandi ni ko Azokwama ibihe bidashira": amadini avuga ati: "Ariko twizera ko ibitangaza vyaheze"; Mpwemu Yera Avuga Ati: "Amen, Yesu Kristo uko Yari ari ejo, ni ko Azokwama ibihe bidashira. Ni bibe bityo."

266 Namba Bibiliya Ivuga Iti: "Nimwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo mubone guharirwa ivyaha, kandi muzohabwa ingabire ya Mpwemu Yera. Kuko isezerano ari iryanyu, kandi ari iry'abana banyu,

n'Abanyamahanga, abari kure bose, uko Umwami Imana Yacu. . . " (abazohamagarwa n'Umwami Imana yacu bose, murabona, atari abazohamagarwa n'Abametodiste bose, abazohamagarwa n'Ababatista, ariko abazohamagarwa n'Umwami Imana Yacu bose, bazoronka uyu Mpwemu Yera, kandi babatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo, ni co Bibiliya yavuze): igihe ivyo bibakozeko, muca muvuga muti: "Amen!"

267 Ishengero ryavuga riti, "Oo, ntaco bihindura."

268 Ariko Mpwemu Yera muri wewe Azovuga "amen" kw'Ijambo ryiWe.

269 "Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa, ariko atungwa n'Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana." Ng'ivyo.

270 Nshaka ko munyereka Icanditwse kimwe aho bigeze bavuga ko ipome ari yo yabaye intango y'ibi bintu. Nshaka munyereke ko bariye amapome. Naberetse aho Kayini yiyumviriye ikintu nk'ico, n'aho uruvyaro rwiwe rubandanya rwiyumvira ico kintu nyene.

271 Ariko impishuro ya Mpwemu y'Imana iravyemeza, biciye kuri Bibiliya, ko kwari uguhuza ibitsina hagati y'umugabo n'umugore, mu buryo butemewe n'amategeko. Aho ni ho hakomotse vya bigatanya. Aho ni ho hazananye icaha. Aho niho ukubora kwanyu kwavuye. Aho ni ho vyazananye.

272 Itegereze rero muri ibi—ibi vyose, rabe, i—inzoka yari ikerebutse kurusha incuro zibiri. Uruvyaro rwayo rwamye ari inkerebutsi kurusha incuro zibiri. Nari nipfuza kuduga kuri kino gicaniro ngafata ino mikoro mu kuboko kwanje, ngahagarara ku gicaniro hejuru, maze nkabivuga. None, uyu munsi, ba banyabwenge banyu bahambaye bari hehe? Umupasitori wanyu yagiye akironkera ubumenyi bw'ubwenge bwinshi, none ahagaze ng'aho; ni we mu pasitori w'amashengero ya mbere manini hano muri iki gihugu, n'ibindi nk'ivyo. None uruvyaro rw'inzoka ruri he? Mu bibanza bihambaye vy'ubwenge nk'ibi; incabwenge zaminuje z'inkerebutsi, z'amayeri. Ng'aho aho ruri. Aho ni ho rwibereye.

273 " Si ku bw'inkomezi, si ku bw'ubushobozi, ariko ni ku bwa Mpwemu wanJe, ni ko Uhoraho Avuze." Murabona? Aho ni ho mu. . .

274 Hanyuma ugafata mwene Data muto ahagaze hariya mu mfuruka, ariko ararira, kumbure ahagaze hariya ariko aravuza igitari gishaje, avuga ati: "Mwene Data, ingo, wakire Umwami!"

275 Umupasitori akarengana akavuga ati: " Ha! Sinoreka ngo ishengero ryanje. . .Emwe, sinokwifatanya, sinoreka aba. . . sinoreka Liddy na Johnny n'abandi ngo bambone negereye ikibanza nk'ico." Ibandanirize, wa ruvyaro rw'umurwanizi we, uriko werekeza kw'ishikiro ryawe ry'Ibihe Bidashiara, uko biri kose. Ni vyo. Nari kuba navuze irindi jambo hano, nkavuga

"abana b'ibivyarwa," kandi ni nk'ivyo nyene. Kuko, murabona, mu. . .

276 "Nta n'umwe ashobora kuza kuri Jewe Data Atamukweze. Kandi abaza kuri Jewe bose, nzobazura ku munsi w'iherezo. Nta na kimwe kizozimira. Ndagifise. Nzokizigama. Nta n'umwe ashoboye kubikora, kiretse Iki."

277 Vyose biri muri We. Ntushobora kuvuga uti: "Hariho ico nakoze." Ni ubuntu bw'Imana bwabikoze vyose. Rero, nta na kimwe nakoze. Ntaco nigeze kuba nokora; nawe nyene ni uko. Nta na kimwe wigeze uba ukwiriye. Imana ni Yo Yakoze buri kintu cose. Nta rutoke wigeze uduza ngo ugire ico ukoze. Ntiwavuze ngo: "Egome, mva mu muryango mwiza. Nakoze *iki*." Ivyo nta na kimwe bisana na vyo. Imana ni Yo Yabikoze; imbabazi z'Imana.

278 Mumbabarire ubu, isaha zitanu ntizirakwira neza ariko ngomba kurangiza, uko biri kose. Murabona?

279 Ni bangahe batahura ko Bibiliya ivuga kuri ivyo bintu ko ari Ukuri? Mwebwe bantu bo mw'Ihema rya Branham, cane cane. Ibi ni nk'ic'icumi na gatandatu c'ivyo twigisha kandi twizera. Ariko, mwibuke, nashaka kuvuga bino, mbwira mwebwe abarorerezi, mwebwe mutaza hano nk'abanywanyi. Uburyo twizera bino, ni uko *Iyi* ari Bibiliya, kandi Bibiliya ni Ukuri kw'Imana.

280 Kandi twizera, yuko, mw'Isezerano rya Kera, rero, bari bafise uburyo bwo kumenya ukuri n'ikitari ukuri.

281 Rero, twese turazi ko bari bafise ivyagezwe vyanditswe. Ni bangahe bazi ivyo? Ivyagezwe, a—amabwirizwa yari muri ya sandugu, n'ibindi; ni vyiza, n'ivyagezwe vyajana n'amabwirizwa. Vyavuga ngo: "Ntugasambane. Uwuzosambana wese azokwicishwa amabuye." Murabona? Iryo ryari i—ibwirizwa, n'icagezwe cajana n'ibwirizwa. Rero, iyo sandugu yari ng'aho *gutya*; amabwiriwza nayo ari muri yo ng'aho, kandi ivyagezwe vy'amabwirizwa vyari mu mifuko ku ruhande rw'iyo sandugu. Iyo haje umuntu ng'aho, yasambanye; ahashitse baca bashiramwo ukuboko ngo barabe ico ivyagezwe bivuga, ngo "naterwe amabuye." Baca bamusohokana hanze bihuta bakamutera amabuye. Ico ni co caba ari icagezwe kijana n'iryo bwirizwa.

282 Rero bari bafise ubundi buryo bubiri bwo kumenya. Hama hariho butatu, nk'icemezo. Bari bafise ubundi buryo bwo kumenya, ubwo nabwo kwari uguca ku muvugishwa canke uwurota. Ni bangahe ivyo babizi? "Nihaba hagati yanyu umuntu w'impwemu, canke uwuvugishwa n'Imana, Jewe Uhoraho Nzokwimenyekanishiriza kuri we mu ndoto, mvugane na we mw'iyerekwa." Ni vyo. Rero yari uwuvugishwa.

283 Rero, hagize umuntu aza, akavuga ati, "Oo, Haleluya, nabironse! Ndiko mvugishwa mw'Izina ry'Uhoraho. Naronse

uguhishurirwa." Ntibabireka ngo bigende uko, nk'uko mwebwe mubikora. Barabisuzumisha Imana, ubwa mbere.

284 Rero, ku mufuko wo mu gikiriza ca Aroni bari bafise ico bita Urimu na Tumimu. Ni bangahe bari bamaze kwumva iryo jambo? Vyari ibiki? Yari amabuye icumi n'abiri, atandatu kuri buri ruhande, ya ba bakuru b'imiryango cumi na babiri; yasipi, Yuda, n'abandi gutyo, no kubandanya, ya mabuye cumi n'abiri. Rero baca bafata uwo muvugishwa, canke umurosi, bagaca bamanika uwo mufuko wo mu gikiriza hejuru, bakamuhagarika ng'aho. Bakamubwira bati: "Vugishwa utange ubuvugishwa bwawe."

"Uhoraho Yavuganye nanje Avuga ibintu ibi—n'ibi."

285 Ntaco vyaba bivuze uko vyaba bisa n'ukuri, bishobora kuba vyumvikana nk'ukuri neza neza; ariko imico itakiye rimwe ngo yerekane amabara y'umunywamazi ng'aho, Urimu na Tumimu, imico igahuriza hamwe, igikorwa c'indengakamere, co kwemeza. Murabona, Imana igihe cose Yamye Yemeza Ijambo ryaYo. Murabona? Kandi iyo mico y'indengakamere itarabagirije ng'aho, aho rero uko vyaba bisa n'ukuri kose, ntivyaba ari vyo.

286 Umurosi avuze ati: "Narose indoto, kandi indoto yavuga ngo: 'Isirayeli itegerezwa kugenda ikaja mu kibanza kinaka, kuko Abasiriya bazozanana kuri *uru* ruhande maze bayigote.'" Baca bajana uwo murosi hariya; akavuga indoto yiwe. Iyo mico itarabagirije ngaho, yaba yabeshe, uko vyo. . . Naho Abasiriya baba bamaze gutonda urugamba, yaba yabeshe. Oya, mushingantahe. Bo, vyategerezwa kwemezwa ata nkeka na Urimu na Tumimu.

287 Mwese murazi ko ubuherezi bwa kera bwahavuye, bwarakuweho, Urimu na Tumimu yajanye na bwo. Ivyo turabizi, si vyo none?

288 Ubuherezi bushasha bwaraje. Ubuhe? Turafise Urimu na Tumimu none uyu munsi? Ego, mushingantahe. Ijambo ry'Imana! Ego, mushingantahe. Ni *Iyi*. Umuntu wese afise uguhishurirwa uko ari ko kose, canke akagira ico avuga, canke inyigisho iyo ari yo yose itajanye kandi i-. . . ntihure na Bibiliya, mu Vyanditswe vyose, aba ari mu kinyoma. Sinitayeho idini ryiwe, ukuntu ameze neza, uko akerebutse, ukuntu yize; ari mu kinyoma.

289 Kandi nihagira umuntu akubwira ibi bintu, ivyo twigishije hano mu rusengero ubu, akakubwira ngo: "Bakunyunyagije ko amazi, nta ngorane," azoba akubeshe. Ivyo ntibizokwatsa umuco wa Urimu na Tumimu. Akubwiye ngo: "Gusukako amazi nta ngorane," azoba akubeshe. Akubwiye ngo, "Kubatizwa mw'Izina rya 'Data, Umwana, Mpwemu Yera,' ko ata ngorane," azoba akubeshe. Niyakubwira ngo: "Iminsi y'ibatangaza yaraheze," azoba akubeshe. Niyakubwira ati: "Nta ngorane ko abagore bavuga ubutumwa," azoba akubeshe. Niyakubwira

ati: “Nta ngorane ko wibandaniriza ukumira kw’idini ryawe,” azoba akubeshe. Ntibizokwatsa umuco wa Urimu na Tumimu. Hariho ibintu vyinshi vyavuye, muri umwe “NYINA WA BA MARAYA,” wa kera, vyazanywe ng’aha, kandi ni co gituma twitandukanaya n’idini.

290 Turakunda bene Data na bashiki bacu bo muri ayo madini. Ariko ntugenda, uvuga uti: “Ndi Umumetodiste,” ngo birakugira Umukristo, kuri jewe. Uri Umukristo kuko wavyawe na Mpwemu w’Imana. Ntubwirizwa kuba Umumetodiste canke Umubatista. Ntubwirizwa kuba n’umwe muri abo. Ubwirizwa gusa kuvyarwa na Mpwemu w’Imana. Ivyo muravyizera?

291 Kuri urwo rufatiro, namba hari umuntu ari hano ashaka ko dufadikanya akaza muri iri sangira ry’uku gusenga, akaba ashaka kw’i—ashaka kwibizwa mu mazi, akabatizwa mw’Izina rya Yesu Kristo, amazi ari hano. Baraza kubatiza, mu kanya gato.

292 Namba hari umuntu n’umwe, benshi ng’aha, hari uwushaka kuza, mu bundi buryo ubwo ari bwo bwose? Turi hano. Ni vyiza.

293 Rero, nti—-ntitugira amakarata y’abanywanyi; uraza gusa hano kw’ishengero. Turizera yuko Kristo ari mw’ishengero Metodiste, ishengero Batista, ishengero Peresibiteriyano. Arafise abanywanyi muri rimwe rimwe ryose. None ni igiki kibura uno munsi; ni ubuvugishwa bw’ibinyoma buzana ivyo bintu, inyigisho z’ayo mashengero, zitandukanye rwose na Bibiliya.

294 Ubu, hamwe hogira umuntu aBinsigurira neza, nogerageza uko nshoboye . . . Ndizera ko mfise Mpwemu w’Imana muri jewe bikwiye, kugira ngo nsese iyi Bibiliya nce nza maze ndabikosore. Nimba gusa naragiye nkaramutsa umuvugabutumwa, ngaca nshira izina ryanje mu gitabu, ariko nkaba ngifise urwanko n’ubugunge mu mutima wanje, nkaba ngifise ukwipfuza n’imitongano, nkaba ntarizera ko Yesu Kristo ari we Mukiza w’indwara Ahambaye, n’ibindi nk’ivyo, noca nihuta gutunganya n’Imana, ntatebaganye. Ata nkeka ndizera ko nobikora. No—noba umuntu avugisha ukuri gushika hiyo kuri ico. Noca nja gutunganya n’Imana. Hamwe novyihambirirako ngo kubera ndi Umubatista canke Umumetodiste, noca nja kwinjiza Ubukristo mu mutima wanje. Nobikora. Ego, mushingantahe.

295 Ubu rero mwibuke umuvyuro uriko uraza, ugiye gutangura, Umwami Abishatse, ku wa gatatu uza ku mugoroba. Bishimikiye kuri ibi.

296 Mwumvirize, bagenzi, hariho Imana Y’ukuri kandi Nzima. Ni vyo. Yesu Kristo Ni Umwana w’Imana. Mpwemu Yera Ari mw’Ishengero uyu munsi.

297 Rero, iyo aza kuba ari umuntu yabimbwiye, nobaye mfise uburenganzira bwo kubikekeranya. Ariko, umviriza. Umunsi umwe hariya, ndi agahungu gatoya, nari mpagaze munsi y’igiti; NaraMubonye. NaraMwumvise. Yambariye ati, “Uraja kure y’abagore b’ingeso mbi. Uraja kure y’itabi. Wirinde kuvuma,

no kunywa inzoga, n'ivyo bintu vyose. Ndafise igikorwa Nzogukoresha ni wakura." Ndazi ko Ari Imana Nzima Y'ukuri Yitaho Ijambo ryaYo.

298 Maze gukura, ese ukuntu Yahuye nanje, ese ukuntu Yavuganye nanje! Ukuntu naMubonye hariya, nko muri ca gisaka caka umuriro, uwo Muriro wazunguruka hariya! Ese ukuntu naMubonye Avuga Yongera Amenyesha neza na neza ivyoshitse; kandi, igihe cose, vyama bidomako uko bishoboka, neza na neza uko nyene.

299 Wa Wundi nyene Avuga vya bintu bitunganye gutyo, ni We nyene Ampumekera ngo nigishe iyi Bibiliya uku nyene ndaYigisha. Ni vyo. Rero, Biva ku Mana. Kuri jewe, ni Imana Mushoboravyose, kandi uko Yari Iri ejo, n'uwu munsi ni ko Iri, kandi ni ko Izokwama ibihe bidashira.

300 Yesu Yavuze Ati, "Navuye kwa Data, kandi Ngiye kwa Data." Igihe Yaza . . .

301 Igihe Yari Imana mu bugaragwa, Yari Umuco Waka. None ni bangahe bazi ivyo? Yari Umuco Waka, Inkingi y'Umuriro.

302 Aca Aza hano kw'isi, Avuga Ati: "Navuye kwa Data, kandi Nsubiye . . . Navuye ku Mana, kandi Nsubiye ku Mana."

303 Igihe Yapfa, Agahambwa Akazuka, hanyuma Paulo mu nzira ija i Damasiko akongera guhura na We, Yari Nde? Yari Akiri Inkingi y'Umuriro. Ego, mushingantahe.

304 Mbega Yakoze iki igihe Yari hano kw'isi? Yakoze iki igihe Yahura na Paulo? Yamurungitse gute? Yamurungitse ku muvugishwa yamubwiye ingene yari akwiye kubatizwa, amubwira ico yari akwiye gukora; yamurambitseko ibiganza aramukiza, amubwira ko yeretswe.

305 Uwo Yesu nyene Ari hano uyu munsi, Akora vya bindi nyene, kandi Aracari ya Nkingi y'Umuriro nyene, Yigisha vya bintu nyene, kandi Akavyemeza biciye kw'Ijambo ryiWe, n'ibimenyetso n'utwumiza. Nezerejwe cane no kuba ndi Umukristo, sinzi ico nokora. Nezerejwe n'uko uri Umukristo.

306 Namwe, koraniro muri hano, narababwiye ko tuzorihindura izina. Si vyiza ko riba Ihema rya Branham. Uwo ni umuntu gusa, murabona. Tuzohindura izina ryaryo, turyite irindi zina. Tuzobishikako, mu gihe gito. Nashaka gusa ko riba i—ishengero ry'Imana Nzima. Sindarishaka ari Metodiste, Batista, Peresibiteriyano, Pentekoti. Nda . . .

307 Abo bantu bose, ndabakunda n'umutima wanje wose. Sinzi umwe wese ico ari. Sinokubwira. Ntegerezwa gusa kuvuga Ijambo. Ndaterera urusenga hanyuma ngakwega. Harimwo ibikere, harimwo ibitangurirwa vyo mu mazi, harimwo inzoka, hakabamwo n'ifi, nazo. Ni aho Imana gufata ingingo y'ivyo. Jewe ndakwega urusenga gusa, ndavuga Ijambo gusa nkarukwega, nkavuga nti: "Ng'abo Mwami, bari irya n'ino ku gicaniro. Urazi

abaWe; Wari ubazi imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho. Sinzi umwe wese ico ari. Wewe urakizi, rero ni ahaWe, Mwami. Ni co ciza kiruta ibindi nshoboye gukora. Nzoja hariya nje kuroba ahandi hantu rero, nzane uwundi mugwi. Ico ni co nshobora gukora conyene." Ni vyiza.

> Oo, numva ndi ku rugendo,
> Numva ndi ku rugendo;
> Muhira iwacu mw'Ijuru harakaka kandi ni heza
> Kandi numva ndi ku rugendo.

308 Rero mwibuke, umuntu wese ashaka umubonano, ahamagare gusa Umushingantahe Mercier hano kuri: BUtler 2-1519. [Inomero za terefone zarahindutse—Umw.] Tuzonezerezwa no kubabona. Abakundwa banyu ni baza, bategerezwa kwihuta gusohoka mu gihe c'umuvyuro . . . Rero kuva kuri uyu mugoroba, ngiye kuja mu mwiherero, nzoba ntahari iminsi ibiri, ndi mu mwiherero.

309 Ndinjira hariya gusa maze ngatangura kwiga, gutyo, nti: "Mwami, Uri hafi yanje. Ndazi ko Uri hano. Kandi Ijambo ryaWe Rivuga ko Uzokwegera abaKwegera." Nkaguma nsenga nihweza gushika mbonye ya Nkingi y'Umuriro Itanguye kugendagenda. Nca menya ko hageze. Aho rero nca nduga imbere kubwo igikorane co gukiza indwara, ngo nsenge, nkore ico nshoboye ngo mfashe abarwaye n'ababababaye.

310 Turashima ubugwaneza bwanyu mwese. Kandi ni mwaza, muzoze mwizeye, kandi turiteze kugira igikorane gihambaye cane. Nshaka kuvuga ko . . .

311 Mwene Data Jeffries, yoba ari hano uno mugoroba? Twashaka gushimira Mwene Data Jeffries n'igikorwa ciwe. Nibaza ko yasubiye mu mazinga, n'ibindi.

312 Nezerejwe no kubona Mwene Data na Mushikiwacu Wright, namwe benshi muri hano.

313 Nabonye umushingwamanza Robertson hano, mu kanya gaheze, yinjiye mu kanya gaheze. Nashaka kumushimira ku bu—ku butumwa bwiwe bwa wa munsi. Nta n'umwe yari yavuze uwo ari we. Vyari biteye isoni. Yari afise ubutumwa bwiza cane ku buvugishwa, ikintu gisa nk'ico nariko ndigisha uno mugoroba.

314 Kandi, rero, hariho uwundi mukozi w'Imana hano mu gitondo, canke ejo ku mugoroba, Mwene Data Smith, wo mw'ishengero ry'Abametodiste . . . canke wo mw'Ishengero ry'Imana, hano hafi. Sinzi ko ari ng'aha uyu mugoroba, canke adahari. Hamwe wohagarara kuri kino gicaniro ukaraba amaja inyuma uko, biragoye gutandukanya; hararamvuye, murabona, ntushobora gutandukanya. Namba uri hano, Mwene Data Smith, turagushima.

315 Mbega uyu yicaye aha nyene, si wa Mwene Data muto ava muri Georgia, aha inyuma nyene yicaye iruhande ya Mwene Data Collins? [Mwene Data Neville avuze ati: "Ego."—Umw.] Nezerejwe no kukubona ng'aha ubugira kandi uyu mugoroba, mwene Data.

316 Abasigaye mwese, mwese, umwe wese arazi uwo ari we.

317 Nibaza ko uyu ari wa mushikiwacu na mwene Data baja gusengera wa mukobwa ca gihe, aha nyene, umuganga yicaye kuri urwo ruhande. Umwami Aguhezagire, muganga.

318 Rero, ndabasavye ntimubabare kubwanje, mwebwe bavugabutumwa namwe bene Data, kubera uburyo burashe nkoresha mu kuvyumvisha uko nshoboye kwose. Iri ni ihema ryacu. Iki ni co dushigikiye, kandi dushaka kuGishira kuri iryo Jambo, hanyuma tubanyiganze na Ryo. Rero, ni mwarenga akarimbi, tuzogaruka tuvuge duti: "Mwari mubizi neza. Ng'Ibi Biri kuri bande." Murabona? Ng'uko. "Ng'Ibi Biri kuri bande."

319 Turacafise ibintu vyinshi twategerezwa kongerako, Leo. Ariko, ariko tu . . . Muza mubifise. Mugume muri abizigirwa kuri Ibi, Ibisigaye tuzobishikako mu nyuma. Nka wa mugabo yariko ararya ipasiteke, akavuga ati: "Yari iryoshe vy'ukuri, ariko haracasigaye iyindi." Rero haracariho Ibindi vyinshi, Bikiriko Biraza.

320 Umwami Abahezagire, ni vyiza cane ubu. Mu gihe tu . . . Tugiye gukora igikorwa c'umubatizo ubu nyene. Si vyo ga Mwene Data Neville? [Mwene Data Neville avuze ati: "Ego, nibaza ko biri uko."—Umw.] Mbega hano hariho umuntu wo kubatiza ubu nyene? Ntaco bitwaye uwo uri; turi—turi hano ngo tubatize. Duze ukuboko, ababwirizwa kubatizwa. Umuntu unwe, nibaza ko yari u . . . Ng'uyu umupfasoni hano. Hoba hariho uwundi? Rero, turafise impuzu zompi hano z'abagabo n'iz'abagore.

321 Ubu rero, ntituriko tuvuga ngo: "Nimuve mw'ishengero ry'Ababatista. Nimuve mw'ishengero ry'Abametodiste." Si ivyo turiko turavuga. Wewe niwisubirire mw'ishengero ryawe. Ariko namba utabatijwe bihwanye n'Ivyanditswe, mw'Izina ry'Umwami Yesu . . . Si mw'Izina rya "Yesu" gusa, ubu. Mw'Izina "ry'Umwami Yesu Kristo,"Ivyo ni vyo Vyanditswe. Wabatijwe nabi.

322 Sinshaka ingorane aho nzoshikira kuri rwa ruzi. Nshaka ko ibintu biba ibitomoye uko ndabizi, mu gihe nzoba mfise itike yanje mu minwe, murabona, kubera nshaka ko nzokwinjira muri ico gihe. Noguhanura na we gukora nk'uko nyene.

323 Subira mw'ishengero ryawe. Birakuraba, ni hagati yawe n'Imana. Ico nico conyene nshobora kukubwira.

324 Ariko nta n'umwe mu Vyanditswe yigeze kubatizwa mu bundi buryo atari mw'Izina ry'"Umwami Yesu Kristo." Kandi

abari barabatijwe, bategetswe n'Umweranda Paulo, umwe yavuga ati: "N'aho yoba Umumarayika, ababarira ubundi butumwa, arakavumwa." Yabategetse kuza ngo basubire kubatizwa, mw'Izina ry'"Umwami Yesu Kristo." Ni vyo. Yarabikoze. Kandi ivyo yakoze, yaradutumye natwe kubikora; nivyo tuzokora, Imana Ibishatse.

Turizera ivyo kwozanya ibirenge. Turizera isangira.

325 Turizera Ukuza kwa kabiri kwa Kristo, ibiboneka, umubiri uboneka w'Umwami; atari Mpwemu, ariko umubiri uboneka w'Umwami Yesu Agaruka Ari mu bwiza.

326 Turizera ukuzuka kw'abapfuye kwo mu buryo bw'umubiri, kugira ngo bakire umubiri, atari umwe ushaje w'iminkanyari nk'uwo tujana mu mva; ariko umubiri mushasha, wo mu buyabaga, ngo tubeho ibihe vyose.

327 Twizera ukudapfa kw'umushaha, neza cane. Twizera ko hari ubwoko bumwe gusa bw'Ubugingo Budashira, ubwo nabwo ni Ubugingo uronka buvuye kuri Yesu Kristo. Uko ni ukuri kweruye.

328 Kubw'ivyo, ntitwizera igihano c'Ibihe Bidashira. Twizera yuko hari kuzimu yaka umuriro, umuriro w'amazuku, ariko ntitwizera ko waka ibihe bidashira; hamwe wokwaka gutyo, woba ufise Ubugingo Budashira. Hari Ubugingo Budashira bumwe gusa; ni Ubuva ku Mana. Kandi uko ni ukuri. Muzosha, kumbure imyaka umuriyoni, imiriyoni icumi, sinzi, ariko ntushobora kugira Ubugingo Budashira. Ntushobora gusha ibihe vyose. . . Urashobora gusha ibihe vyose, ariko atari Ibihe Bidashira. Murabona, hariho itandukaniro hagati y'Ibihe Bidashira n'ibihe vyose. *Ibihe vyose* ni ibihe n'ibihe vyose, sahwanya, bisigura "mu kiringo c'umwanya." Ariko, Ibihe Bidashira, nta gihano c'Ibihe Bidashira kibaho.

329 Mufise Ubugingo Budashira, kuko hari ishusho imwe gusa y'Ubugingo Budashira. Kandi uwufise Ubugingo Budashira, abaho kandi agahezagirwa n'Imana ibihe vyose.

330 "Ariko umushaha ukora icaha, uwo mushaha uzo. . . " Iki? [Ikoraniro rivuze riti, "Uzopfa."—Umw.] Ni vyo. Rero, nta Bugingo Budashira. Ata nkeka. Ufise—ufise igihano cawo, ariko atari Ubugingo Budashira.

331 Rero, murabona, hariho ibintu vyinshi bikiriho bikwiye kwigishwa, tuzobigarukako. Umwami Abahezagire.

332 Rero reka turirimbe ya ndirimbo nziza ya kera, mu gihe mushiki wacu ariko yinjira hariya. Nibaza ko uyu mupfasoni hano ashobora. . .

333 Rosella, uyu ni mama wawe? [Mushikiwacu Rosella avuze ati: "Ego."—Umw.] Emwe, Imana Ihezagire umutima wawe! Ndanezerewe kukubona, mushikiwacu, ukora ivyo. Ni vyiza cane.

334 Rosella Griffin, umwe mu bagenzi beza cane batoya dufise. Ni umugore akiri muto yahoze ari imborerwa; kuri bamwe muri hano, ashobora kuba atazwi. Rosella ntaco bimutwaye ko ndabivuga. Igihe yaza hano imbere hariya—hariya aho... aha muri Indiana. Namba mwarigeze kubona akaheze, yari umwe muri bo, imborerwa y'amaso yafyutse. Aho, abaganga bane karuhariwe bo muri Chicago bari bavuze ko a... Imborerwa Zitagira Izina, n'ibindi vyose, bari bamuhevye. Ariko umugoroba umwe igihe yaza mu gikorane, Mpwemu Yera Yashize ahabona ubuzima bwiwe arabumubwira aho nyene. Vyari biheze.

335 Ni mumwitegereze ubu, nibaza ko afise imyaka mirongo itatu n'iyindi, wokwibaza ko afise cumi n'umunani; w'igikundiro, umugore mwiza akiri muto. Ntiyigeze asubira kunywa wisiki kuva ico gihe; nta nyota akiyifitiye. Abayeho kubwa Kristo, agendagenda mu mabarabara, ahantu hose, ashingira intahe ubwiza bw'Imana, ayishingira abanyavyaha n'imborerwa, mu ducimbiri twose tuzwi nabi, n'ibindi vyose, muri Chicago, agira ico akoreye Umwami.

336 Yabatijwe mw'Izina ry'Umwami Yesu, none na mama wiwe aje uyu mugoroba ngo akore gutyo nyene; namba Imana Yarashoboye kumukiza, namba Yesu Yarashoboye kumukiza... "Ivyo muzokora vyose mu majambo no mu bikorwa, muhore mubikora vyose mw'Izina rya..." [Ikoraniro rivuze riti: "Yesu Kristo."—Umw.] Ivyo ni vyo Bibiliya Ivuga. Ni vyo.

337 Ni vyiza, ubu tugiye gukora igikorwa c'umubatizo. Tugiye kuzimya amatara akanya gatoyi mu gihe turiko twitegurira ico gikorwa, kugira babatizwe, kandi—kandi rero twiteze ibihe vyiza mu Mwami.

338 Murakora igikorwa c'umubatizo uyu mugoroba? Ni vyiza, vyoba vyiza—vyoba vyiza mwiteguye. Kandi ndatangura, ndarongora indirimbo n'ibindi mu gihe turiko turabandanya rero. Mu gihe ba... [Mwene Data Neville avuze ati: "Hoba hariho impuzu hano, ga Doc?"—Umw.] Zana impuzu z'umubatizo, Doc, ningoga. Ni vyiza.

339 Reka turirimbe imwe muri izi ndirimbo nziza... [Agace katavuga kuri bande—Umw.]

340 Imbere yo gukora ivyo, mu gihe turiko turagenda, dutegerezwa gukora iki?

> Tujane Izina rya Yesu,
> Dupfukamye ku birenge vyiWe,
> Tuzomwambika igitsibo c'Umwami w'abami mw'Ijuru,
> Igihe urugendo rwacu ruzoba rurangiye.

Ni vyiza, duhaguruke.

> Jana Izina rya Yesu,

Mwana w'umubabaro n'ingorane;
Rizoguha umunezero rikuremeshe,

341 Reka ndababwire ico dukora. Hindukira iruhande yawe uramutse umuntu ari ng'aho, uvuge uti: "Ni amahoro ga mwene Data? Ndanezerewe koko ko turi kumwe mu gikorane."

Ni Izina ry'igiciro, Oo ukuntu Riryoshe!
. . . n'umunezero mw'Ijuru;
Ni Izina ry'Igiciro, (Izina ry'Igiciro!) O . . .

58-0928E Uruvyaro rw'Inzoka
Ihema rya Branham
Jeffersonville, Indiana Leta Zunze Ubumwe za Amerika

KIRUNDI

©2026 VGR, ALL RIGHTS RESERVED

VOICE OF GOD RECORDINGS
P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.
www.branham.org

## Itangazo rijanye n'Uburenganzira

Uburenganzira bwose burarinzwe. Iki gitabu kirashobora gusohorwa ku mashini yo muhira kugirango umuntu agikoreshe canke gitangwe, ku buntu, nk'igikoresho co gukwiragiza Ubutumwa Bwiza bwa Yesu Kristo. Iki gitabu ntigishobora kugurishwa, gusubirwamwo ku rugero runini, gushirwa ku rubuga, kubikwa mu buryo bwo kurondera amakuru, guhindurwa mu zindi ndimi, canke gukoreshwa mu gusaba amahera ata ruhusha rwanditse rwa Voice Of God Recordings®

Ushaka kumenya vyinshi canke ushaka kuronka ibindi bikoresho bihari, ushobora kwandikira:

VOICE OF GOD RECORDINGS

P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.

www.branham.org